# Igihe C'Ishengero Rya Perugamo

Jeffersonville, Indiana, USA

07 Kigarama 1960

1 Niuko! Kubwanje, noshima ko bazimya iryo tara ritanga umuco mwinshi. Ni vyiza.

Turanezerejwe cane no kubona twongeye gukoranirahano kuri uno mugoroba kubw'igikorwa c'Umwami. Wa musi ku mugoroba, vyukurinabona ko ya Nganji y'imyaka igihumbi yatanguye. Ndabona ko hano bashizehoudupapuro twanditseko ibibazo; nzogerageza kuvyishura neza uko nshoboyekwose. Hariho kandi n'ibi basaba kodusengera.

2 Mwoshobora gusaba Doc akazimya iryo tara ritangaumuco mwinshi? Ririko riramena amaso. Murazi ko ntari muri ba bavugabutumwabakunda amatara atanga umuco mwinshi. Gurtyo nibaza ko bija kugenda neza.

Nabisavye,Doc. Ndiko ndabisubiramwo, ndi -ndikondabisubiramwo, murabona. Oh, oh, wagize gute…? Ubwirizwa kuzimya hariyahanyuma ukabikorerako? [Mwene DataBranham ariko araganira na mwenewabo, Doc—Umw.] Oh, neza, bireke. Ego. Neza, vyihoze gusa. Oh, oya!Ubu, ntumanure. Ego. Ubu rero vyopfuma! Rimwe na rimwe…Murazi ko atari vyiza kohaba umuco ukwakira mu maso. Ndagushimiye, mushingantahe. Bizomutwara ikiguzi.

3 Murazi, twoshobora kuvuga kuri ibi bihe vy'Ishengerontiduheze. Uno musi, igihe nariko ndiga kuri iki gihe, nabwiye umugore wanjenti : « Mfise imirongo ihagije nokuramwo Ubutumwa mirongo itanu, mvuga kuri ikicigwa gusa. » Nta kindi twokora atari ukuvuga ku bintu bikuru bikuru gusa.Kumbure ko nitwandika igitabo ari ho tuzoshobora kwinjira cane i bwina bw'ivyobintu.

4 Mwene Data West, sinari nakubonye ! Ni gute ga mwene Data ? Mpejejekwumva agakuru keza : uwari asigaye mu muryango wa mwene Data Daultonyahindukiriye Umwami ; ni uwundi mukobwa wiwe. Agize cumi, si vyo ? Oya, niicenda ! Muribuka yuko mu ntambwe nshasha y'ibango ryanje ry'igikorwa, Umwamiyamubwiye ko umuryango wiwe uzokizwa ? Nari nabasengeye,ntazi ico nkwiyekuvuga, ni ho Mpwemu Yera yavuga ati : « Umuryango wawe ndawuguhaye.»Murabibona ? None raba, bose bahindukiriye Umwami. Murabona ukuntu Umwami akora? Amajambo yiwe aratunganye, ntiyigera abura gushika, nta na rimwe ! Ni uko !Ubu ntitugomba kuja mu vy'ubu Butumwa bijanye no gukira indwara kuva ku Mana,ubu turagerageza kuguma mu bijanye n'ivyavugishijwe.

5 Kuri uno mugoroba, nja kugerageza kubabwira ivyagendabiba muri ico gihe ciza cane, igihe ca gatatu, ari co tuja kwinjiramwo kuri unomugoroba. Ivyo murabikunze ? Jewe nuzuye umunezero. Nibaza ko Umwami Yesuyaduhezagiye bimwe bitangaje mu kuduha ibi bintu, kandi turashima bivuye kumutima kuko ibigiye kuba abitumenyesha bitaraba ! Kuva kw'itanguriro aba aziiherezo, kandi turabinezerererewe ! Ni co gituma twizigiye ko Umwami ajakuduhezagira.

6 Mbega mwarabonye? Ejo ku mugoroba igikorane kirangiye, mwarabonyeukuntu Mpwemu Yera yavugishije mu ndimi abantu batatu yongera akiza ubugingobw'abantu batatu ? Ni uko vyagenze ! Kandi mu gihe Mpwemu yariko aravuga,vyarasubiwemwo mu nsobanuro y'ivyavuzwe mu ndimi - ubwa nyuma, ngo : « IcoMpwemu abwira amashengero… » canke ngo : « Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemuabwira amashengero. » Mpwemu yavugiye mu ngabire ziri mw'ishengero. Oh, eseiryo shengero ryovyitondera mu kwubaha, rikavyitondera mu kwubaha ! Mwiyubare !Satani azoza maze agerageze kubahubisha. Igihe cose mwame mugenzura ko ariMpwemu Yera koko ! Kandi namba ari Mpwemu Yera, ubwo nyene azoca avuga ku kintukiriko kiraba. Bizoba ari ivyo kwubaka ishengero. Murabitahura ? Aho rero,nimwubaha ivyo bintu, Imana izorushiriza kubibaha. Murabona, Izoguma ibahaibindi n'ibindi.

7 Ubu rero, abantu baterefonye babaza igihe ibikoranevyo gusengera abarwaye bizobera. Ku w'iyinga ku mugoroba, igihe ururukurikirane rw'ibikorane ruzoba rurangiye, nzoca ngenda nje kuruhurira umuhogomu misi mikeya, ariko ku w'iyinga uzokurikira, Umwami niyabikunda tuzogiraigikorane c'ugusengera abarwayeku w'iyinga mu gitondo, italiki cumi n'umunani.

Umwungere wacu wa hano… nta karyo ndonse kokumuvugako vyinshi, ariko nagomba ko mwogerageza kumenyana na we. Ni mwene Datamuri Kristo koko. Turahiriwe kubona dufise mwene Data yarerewe mu mpwemuy'ukwezwa y'Abametodiste. Abari ngaha bose barazi Orman Neville. Nta n'umweyogira ico adomako urutoke kitameze neza mu buzima bwiwe. Ibi ntakunda kondabivuga, ariko nshimye kumutera agashurwe ubu, hako nzomushirako urugorirw'amashurwe ni yamara gutaha, murabitahura. Kandi ubu rero ni co gihe.

8 Umusi umwe ku mugoroba nari nsohotse mva murusengero, umuntu umwe aca arambarira ati : « Mwene Data Branham, Ubutumwawavuze nabushimye rwose!»

Nca ndamubwira nti : « Urakoze. »

Haraciye imyaka myinshi cane ivyo bibaye, aha nyenemuri iri hema, umupasitori umwe yambariye ati: «Sinkunda ko ivyo babimbwira!Ngomba yuko icubahiro cose kija ku Mana.»

Nca ndamwishura nti : « Ntubabare, kija kuri Yo!Jewe mvugishije ukuri, ndakunda kobabimbarira. »

Ariko aca aranyishura ati : « Emwe, jewe sinshima kobabimbarira ! »

Aho rero nca ndamubwira nti : «Twe na we hariho akantugato kadutandukanya : Jewe mvuga ibiri ku mutima ariko wewe si vyo uvuga ! »

Uwari we wese… nk'akarorero, fata umwana mutoya;nimwamushimagiza na gato, azoca arushirizaho gukora neza. Murabibona, kuberamumushimye gusa. Imana yama ikunda kubibwira abana bayo iyo bakoze ikintu ciza.Namba iyo twakoze ibibi ishima kubitubwira, none ni kubera iki iyo twakoze nezaitobitubwira? Murabitahuye?

9 Ni co gituma, nshimira Imana koko kubona yatanzemwene Data Neville ngo abe umwungere w'uyu mukuku muri iri Hema. Iyo mbonyeumuntu ameze nk'uyo, yarerewe mu ba metodiste, akaba abona uwo Mpwemu Yeraw'Ubwiza, maze ubu akinjira muri izo ngabire… Ese ukuntu Mpwemu Yera akundakumuvugiramwo iyo atariko aravuga ivyiwe ! n'ivyavugishijwe vyagenda kumwe,amazina n'insigarirazina vyagenda ku rugero rumwe, n'ibindi, ese ingenevyakurikirana neza.

Ni nako biri kuri mwene Data Junior Jackson.Sindamubona hano... Ego me! Nta na kimwe mvuga Junior! Ndashimira Imana kubwamwene Data Junior Jackson; uyo mwene Data yahawe n'Umwami ingabire nziza cane.

10 Duhoreduciye bugufi imisi yose! Mw'ikoraniro, umwe wese arafiseico akora. Ariko ico ntimugishire ku ruhande ngo mugikoreshe ibindi bintu :ariko ico came na ntaryo gihuje n'ibikorerwa mw'ishengero. Vyose bikorerwaImana. Murabitahura? Twese ntiturondere kuvuga mu ndimi, canke ngo tweseturondere gusobanura indimi.

Mugerageze gukora iciza, kandi mugume mu vyiza.Ntimukagire ikibi na kimwe muri mwebwe, ntimukagire umururazi, ntimureke ngohagire umuzi w'umururazi winjira muri mwebwe. N'aho abantu boba babi gute kandibakabavugako ibibi bingana gute, ntimukigere mubiyumvirako nabi mu mitimayanyu. Kuko ico kintu nyene ni co umurwanizi azoca afatirako mu kurementanyaibintu. Vyose mubirenzeko urukundo ruva ku Mana, mwature, mutunganye, kandimugirire neza ababagirira nabi. Yesu yavuze ati : «Namba mugirira neza ababagiriraneza, none abatozakori bo si ko bakora?» Umunyavyaha uwo ari we wese arashoborakugirira neza uwamugirira neza! Ariko mugirire neza abatabagirira neza,mugirire neza abatabagombera ineza. Umuntu abavuga nabi, mwebwe mumuvuge neza,kandi uko ni ko muzorinda imitima yanyu umururazi wose. Kandi uzokwama ukundamugenzawe, igihe cose uzoba ukiri muri urwo rukundo.

11 Mwovuga muti: «Ariko yakoze ibi n'ibi?» Umucamanzasi jewe, ni Imana. Kandi ntimwipfuze ko ico kiremwa gishiburwa, si vyo ? Habana mba, n'aho yoba nde ! Ivyo ntimwobishima ! Ni co gituma mwogerageza kubaabagwaneza imbere y'abantu. «Urukundo rupfuka ivyaha vyinshi.» Ni uko biri !Urukundo, urwo rukundo rwiza rw'abakristo, urukundo ruva ku Mana.

Nambaumuntu aje avuga ko uri umuntu akavya, akakwita n'ayandi mazina yose…Ntimukoregurtyo ! Namba udashoboye kwigumya, niwiyigirire inyuma. Ariko mu mutima wawe,utegerezwa kugera ahantu wovuga uti : « Mwene Data, kumbure ko iyo uba watahuraibintu nk'uko ndabitahura, wari kuvyumva nk'uko nanje ndavyumva. » Murabibona ?Wame wuzuye ubugwaneza kuri uwo muntu maze ubandanye uko nyene. Kandi ico gihe,n'aho ivyiyumviro vyacu vyoba bitandukanye nk'ubuseruko n'uburengero, ivyo nta co bizoba bigihindura.

12 Nk'ukonabivuze wa musi ku mugoroba, nti : Ndafise murumunanje yitwa Melvin. Afiseimishatsi isa n'umuhondo, ni munini kandi afise imbaga nyinshi. Turatandukanyerwose, ku buryo ameze nk'aho tudasangiyeumuryango, ivyo dukunda gufungura, ivyifuzo vyacu biratandukanye rwose. Ivyotwipfuza ntibisa. Ariko ntikibuza ko dusangiye mama na data, kandi akaba namwene wacu. Murabitahura ? Ico bivako, ni kubera yuko tuvuka mu muryango umwe.

Ariko turatandukanye ! Melvin ntiyizera, akunda gukina umupira, ihiganwa ry'amafarasiyiruka, n'ibindi bintu vyose bisa n'ivyo. Akunda imikate irimwo shokola, - Kuriivyo, turatandukanye rwose ! Jewe sinkunda umupira n'ugusiganwa ku mafarasi,nkunda kuroba no guhiga. Murabibona ? Nk'uko na we adashaka kwigora aja kuroba canke guhiga, nanjeubwanje, nta na kimwe cotuma nja kurorera umupira w'amaboko canke ugusiganwakw'amafarasi. Ahandi naho, we akunda umukate ukoranywe na shokola nanje ngakundauwukoranywe n'inkere.

13 Mvuze ivyo, intumbero yanje ntiba ari iyo kujajura… igihe kimwe, turi mu gikorane,navuze ko nkunda umukate ukoranywe inkere, maze bukeye, bashiki bacu bane cankebatanu baciye bayinzanira ! Mbega umusi mukuru twagize kuri uyo mugoroba !Ariko ico si co ndabivugiye!

Nagombagusa kubereka itandukaniro, murabitahura. Ariko uko biri kwose, ndamukunda kukotuvukana. Kandi ntiyizera kuko abona ibintu ukundi kuntu kunyuranye n'uko jewendabibona ; mu gihe jewe

ndabibona murikiwe na Kristo. Ariko n'aho biri ukosinshobora guhakana yuko ari mwene wacu kuko tuvukana.

14 Ejoku mugoroba, hari ivyo navuze ngiye kurangiza. Mwibuke ko Ubutumwa bwa mberebwarungikiwe ishengero inyuma y'ubwo muzi, turetse ubwavugiwe muri Kentuky,bwavuga ko muri ivyo bikorane hazobamwo ibintu bitangaje cane bizobabaza abantubenshi. Muravyibuka ? Biri ku makaseti ! Ejo ku mugoroba, kimwe muri ivyocarahishuwe. Ivyo vyaraduhagaritse akanya gato, ariko ndazi neza ko mwatahuye,kuko Mpwemu Yera ari We yabitubwiye ngo: «Umuriro udahera ni ikintu kitabahomuri Bibiliya.»

Umuriroudahera ntubaho. Hamwe mwoba mutegerezwa gusha ibihe bidashira, vyosaba ko mubamufise ubugingo budashira kugira ngo muwubemwo mukiri bazima. Hari Ubugingobudashira bw'uburyo bumwe gusa : ni Imana ! Murabitahura ? Ni co gitumaBibiliya itigisha umuriro «udashira » ariko ikigisha « umuriro uzomara igihekirekire ». Uwo ushobora kumara imyaka imiliyoni cumi, nta co ndabiziko, arikouzogira iherezo.

Vyaribikwiye ko ivyo ndabivugira hano. Narabihishije amashengero gushika… Ni jewenkwiye kubivuga. Kandi ni je ntegerezwa kuvuga ibintu bitari bike tuzogendatubona buri mugoroba.

15 Arikokuva ubu, nimukoreshe ivyiyumviro vyanyu vy'impwemu, maze mureke Mpwemu Yeraabibatahuze. Kandi nimwumva ibintu mutemera, muce muvuga muti: «NyakuntungaBranham, ntavyoyiziye, ndaja kumusengera ! » Ivyo nimwabikora, Umwamiazomenyesha Ukuri. Munyumvire akagongwe, ntimumpebe. Kumbure ko n'ivyobishobora kuba ari ivy'ukuri kandi uko biri kwose, ivyo biranezera canekubibona uko, iyo ivyo vyose bihuje. Kumbure ko nihenda ! Ariko namba hariahantu nihenze kandi sindabimenye (kumbure mwebwe mukabibona), ico gihe mucemusenga Umwami abinyereke.

Na cane cane : Musengeranire ubudahumeka, kandi ntimwigere mureka wa murwanizi ngoagire aho ashira umuzi w'umururazi. Murabona, muri kino gihe, murinde imitimayanyu yame itunganye, kuko turi mu bihe vya nyuma vy'ibikorerwa muri iyi si.Murabitahura? Bagenzi bakundwa, ata gukekeranya, ubu turi kw'iherezo !

16 Igihetuzoba turiko turiga ibi bihe ndwi vy'ishengero, tuzobonamwo ibintubitandukanye, kumbure mbere ko tuja kubona vyinshi kuri uno mugoroba. Turikoturashiraho urufatiro kandi kuri uno mugoroba vyukuri turaja guhishura ibintuvyo mu buryo bw'impwemu. Mwibuke ivyo nababwiye nti birakwiye ko mukoresha ivyiyumviro vyanyu vy'impwemu !Ariko mwame mwishimikiza Ivyanditswe. Ivyo bitegerezwa kuba biri mu Vyanditswekandi bikagenda bigaragara mu Vyanditswe vyose. Murabitahura ? Ntibikwiye gusakumenya Ijambo no guca muvuga muti : « Narize kaminuza, narize mw'ishureryigisha ivya Bibiliya ». Ivyo nta na kimwe bimaze. Abafarisayo n'Abasadukayobose bakoze nk'uko nyene - kandi ntibigeze bamenya Yesu.

17 UguhishurirwaIvyanditswe «guhishwa amaso y'abanyabwenge n'abahanga, ariko kugahishurirwaabana bashaka kumenya ». Ni co gituma, mwebwe na jewe, twese tube abana mazeturemurure imitima yacu tuvuga duti : « Mwami, vugana natwe tuguteze yompi. »Hanyuma twinjire muri Mpwemu. Ibi muravyibuka, ngo : Mwinjire muri Mpwemu mukwumviriza amajambo yose aja kuvugwa kuri uno mugoroba, kuko dutanguye igihec'Ishengero gihambaye kandi kirimwo ibanga.

18 Ni uko. Ndibaza ko bikwiye. Buri mugoroba,tuzoja turabona ikindi gihe c'ishengero.Iyo tuja kuba dufise umwanya, twomaze umurango wose bo n'umugoroba w'ejo turikuri iki gihe c'ishengero conyene. Ariko hari benshi muri mwebwe bakora, ni cogituma nja kugerageza kubashikiriza ibintu bikuru bikuru vyo muri buno butumwa,mu gihe mfashe kimwe conyene muri vyo, noshobora kuvuga nkongera nkavugasimpeze, mu gihe ntazi. Murabitahura ? Ariko ivyo bintu muvyigire muhira, nanjenzobasengera kandi na mwebwe munsengere, maze Imana izoduhezagira twesenk'abana bayo bizera.

19 Ubu nonetwohagaruka akanya gato kugira ngo dusenge ?

Murazi igituma nkunda gusenga mpagaze ? Yesu yavuze ati : « Ni mwahaguruka ngomusenge, muvuge muti : Data wa twese uri mw'Ijuru… muhariranire… » Murabibona ?Kandi hariho n'inkuru y'ivya Gideyoni yacaguye ingabo ziwe mu gutandukanyaabapfukamye kugira basabagire amazi bo n'abayanyoye bayayoje amashi. Murabibona? Bamwe muri bo baraguye bapfukamira ibigirwamana, kandi yari azi kobadashoboye kugenda. Ariko abandi bagumye bahagaze, bari maso kandi bagumabagavye. Uko ni ko dukora tukaguma duhagaze kandi dusenga. Ndibaza ko nogusenga upfukamye ari vyiza. Ariko ndibaza ko gusenga duhagaze bifise insiguronini cane kuri twebwe.

Ducishebugufi imitwe n'imitima yacu dusenge :

20 Datawo mw'ijuru, wuzuye Ubuntu, twegereye Intebe yawe y'urubanza duciye bugufi cane.Ntituje aho uri ngo uducire imanza kuko twese twotongorwa n'umuriro. Ariko tujedutaka duti : « Tugirire ikigongwe, Mwami. » Kuri uno mugoroba, udusukekoMpwemu wawe Yera, atari kuko tubibereye ariko ni kubera yuko tutabereye kanditukabitahura ndetse tukanavyemera. Ntituje mw'izina ryacu ubwacu, kukoritikwije. Nta kugororoka dufise, haba n'intete, kandi ukugororoka gukomeyedufise si ikindi kiretse

uducocerwa twanduye mu nyonga zawe. Ni co gituma tujeduciye bugufi mw'Izina rya Yesu, dushira imbere amaraso y'Isezerano ryiwe ;tuyashize ku mitima yacu tuvuga duti : « Ewe Mana, utugirire imbabazi twebweabanyavyaha turiko turatakamba dusaba ngo utugirire imbabazi muri kino gihec'amakuba. » Umusi umwe Ubutumwa buzovugwa irya nyuma, ntituzi igihe bizobera. Arikoakamo kazokwumvikana mu bicu ; Bibiliya izosigara aha havugirwa Ubutumwa izinze, ibirwanisho bizoshirwa hasi, inzamba y'uguhagarika intambara izovuga ; izuba rizorenga. Ewe Mana yacu, Yewe Gitandara ca kera uzompishe reromuri ico gihe.

21 Kandi ubu turabona ko ata handi turi buje atari kuriWewe. Turabona ibihugu bitatana. Turabona ko ibivugwa muri Bibiliya bigendabishika. Turabona Isirayeli yikangura. Turabona Ishengero ribwirwa Ubutumwa.Kandi igihe gisa n'igishitse, aho ibintu bihambaye bizohishurwa na bimwe ndwibimatanije ca Gitabo bikamenwa.

Ewe Mana, Mana yacu, tugirire ikigongwe, turagusavyeimbabazi ! Kandi nk'umukozi wawe, ndasabiye imbabazi umwe wese mu bari hano muNyonga zawe Mana kuri uno mugoroba. Ewe Mana, ntihagire umuntu n'umwe muritwebwe agumiza icaha ciwe mu mutima wiwe kuri uno mugoroba, ariko muri kanokanya bose bezwe n'amaraso y'Umwami Yesu, kandi tuzoshobore twese guhurira hahantu h'umunezero mwinshi, iyo hejuru y'amajuru.

Kandi mu gihe ntanguye kwinjira muri ibi Vyanditswekuri uno mugoroba, ewe Data… oh, ntaco nishoboje na kimwe ! Ewe Mana yacu muritwebwe nta n'umwe yikwije. Data, turemera rwose ko ata co tuzi, ariko ko vyosetubizeye kuri Mpwemu Yera kuko ni We wenyene ashobora kuduha uguhishurirwa. Mugihe turiko turiga ivya kahise dukoresheje ubumenyi buva mu bwenge waduhaye,ese Mpwemu Yera yokwinjiza imitima yacu mu vy'impwemu. Ubiduhe, Data, kukotukwiteze mw'izina rya Yesu, Umwana wawe. Amen ! Murashobora kwicara.

22 Ku gice ca 2 c'Igitabo c'Ivyahishurirwe Yohana,turaja gutangura igihe ca gatatu c'ishengero. Mu gutangura…[Mushiki wacu umwe avuze mu ndimi - U] Mumbabarire.

Data wa twese wo mw'Ijuru, Izina ryawe ryubahwe,Ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe kw'isi nk'uko biba mw'Ijuru…turagusavyeData ngo ubane natwe, uduhezagire kandi udufashe tube abanyabwenge, tubeabubatsi beza muri kino gihe c'amakuba ahambaye ari mu bantu. Mu gihe amadidanneariko arashinga imizi, dufashe Mwami dukore uko dushoboye kwose, tube abashumbabawe, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen !

Ivyo nabivuze ngitangura, kugira ngo mushoborekubimenya. Mwumvise yuko insobanuro y'iryo jambo itatanzwe ? Nta nkeka komushiki wacu yari yasizwe na Mpwemu Yera, ariko yavugishijwe mu ndimi Ijamboryamaze gutangura kuvugwa. Murabibona ? Vyari binyuranye gatoya n'uko ibintubitunganijwe, ariko vyari vyiza mushikiwacu, uwo woba uri we wese ! Mpwemu Yera yari kuri wewe, oh, biragoye canekubitangira, ndabizi ! Utegerezwa kuba wari wavyumvise tutaranatangura, kandini co gituma vyagarutse Mpwemu Yera yamaze gutangura. Impwemu z'abavugishwaziganzwa na bo, murabibona?

23 Birashoboka ko Mpwemu Yera yongera kubasiga (nifuzako abikora) Ubutumwa burangiye. Ico gihe rero uraca urindira insobanuro yaryo,kuko aho hoho bizoba bitunganye. Ariko ubu twinjiye mw'Ijambo. Mu vy'ukuri,ivyo vyari bivuye ku Mana, vyukuri ndavyizera, kandi ndavyiyumvamwo mu mutimawanje wose. Kuko hari ico naciye niyumvamwo ivyo bibaye, murabona. Ariko nticariigihe cavyo. Yamara Mpwemu Yera ni We yahaye mushiki wacu Ubutumwa ngoabushikirize ishengero, ariko ubu aha ni ho ariko aratangira ubutumwa bwiwe.Murabona ko atazana umuvurungano. Ibintu vyose arabitunganya neza. Ndazi nezako mwese mutahura, murabona ko ari vyo koko.

24 Ubu rero dusome mu gice ca 2 c'Ivyahishuriwe Yohana.Kuri uno mugoroba turaja gutangura igihe c'Ishengero rya Perugamo, ku murongowa 12. Ejo ku mugoroba, twahereje ku murongo wa 11.

Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgiraamashengero. Unesha nta co urupfu rwa kabiri ruzomugira. »

Igihe twabona ivy'igihe c'ishengero rya mberetwarabonye ko aho ari ho ivy'abanikolayiti vyatanguriye. Yesu yihishura ariImana ishobora vyose: nta yindi iriho, nta bice canke ibihimba vy'Imana, niImana imwe Rudende.

25 Mu gihe c'ishengero twabonye ejo kumugoroba,twarabonye ko Yari ahagaze ku rugi, kandi ico gihe yariko yandikira ishengeroivyo bintu abereka ubukene bwabo. Yababwiye ko yanka ibikorwa vy'abanikolayiti.

Ejo ku mugoroba, twarabonye ko hariho abazokwambaraibitsibo vy'uko bishwe bahorwa gushingira intahe Kristo. Yababwiye ngontibatinye urupfu, ababwira ko azobana na bo. Aheraheza avuga ati: «Unesha!...unesha nta co urupfu rwa kabiri ruzomugira.»

26 Yamara, namba hariho urupfu (kandi hariho icoturuziko) aho rero hategerezwa kubaho urundi rupfu

ruri ahantu hamwe ; kukourupfu dupfa aha kw'isi ni urupfu rw'umubiri, ariko urupfu rwa kabiri, niurupfu rw'impwemu, urupfu rw'ubugingo. Ubugingo bucumura ni bwo buzopfa. « Gupfa », ni ugutandukana na vyoseburundu, urupfu ni ugukurwaho, niukuvuga kujanwa kure, guhishwa kure. Gurtyo rero iyo abakunzi bacu bapfuye,baba batuvuyemwo, nk'uko dusanzwe tubizi. Ico ni co twita urupfu.

Ariko Umukristo ntapfa. Nta rupapuro na rumwe rwo muVyanditswe ruvuga ko umukristo apfa, kuko umukristo afise ubugingo budashira.Iyo umunyavyaha apfuye ivyiwe biba bishize, maze ubugingo bwiwe bukazopfakw'iherezo. Ariko umukristo we apfuye, aca yirorerera Ukuza kwa Yesu. Oh, ndizigirako kuri uno mugoroba nja kuronka akanya ko kuvuga ivyo neretswe vy'aho hantutugiye kuzosubira, kandi muraja kubona ukuntu ivyo na vyo bitugarura ku vy'urworupfu rwa kabiri. N'iki gice nyene tugezeko kuri uno mugoroba kiratubwira kuriico kintu, kandi aha birahafise ikibanza ciza!

27 Turasoma ico cete twihuta, kuko hari ivya kahisemfise tugomba kubanza kwinjiramwo kandi ndagerageza kutabafatira umwanyamunini. Ninasoma nihuta cane, murashobora gusaba imirongo ya Bibiliyaibivugako, muyisabe mwene Data Mercier igikorane giheze, kuko ndamushikirizaivyo nanditse vyose, kubera akora mu vyo kwandika igitabo cavyo azobaha ivyankenerwa vyose. Neza cane. Mwene Data Mercier.

28 Igice ca 2, umurongo wa 12.

«Kandiwandikire umumarayika w'ishengero ry'i Perugamo, ut'ufise inkota ikarishearavuga ibi ; Ngo ndazi ah'uba, kw'ariho umurwa wa Satani uri ; kandi wumiyekw'Izina ryanje, ntiwihakanye kunyizera no mu misi ya Antipa, icabona canje,n'umugororotsi wanje yiciwe i wanyu, aho Satani aba. Ariko mfise ivyo nkugayakobike, kukw'iwanyu uhafise abakomeza inyigisho za Balamu, yigishije Balakigushira igitsitaza imbere y'Abisirayeli kugira ngo barye ivyaterekerejweibigirwamana, bashakane. Ni ko na we, ufise abakomeza inyigishoz'abanikolayiti, nk'uko nyene. N'uko rero ni wihane : N'utihana nzoza kuri wewevuba, kand'abo nzobarwanya mbakubiteinkota yo mu kanwa kanje. Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgira amashengero.Unesha nzomuha kuri manu yanyegejwe, kandi nzomuha ibuye ryera, kur' iryo buyehanditswekw'izina risha, nta muntu arizi, atar'uzorihabga. »

Umwami niyongere imigisha yiwe ku majambo yiwe kandiaduhezagire.

Turabe ibivugwa kuri iryo shengero. Ni igihe cagatatu c'ishengero ; citwa igihe c'ishengero rya Perugamo. Ico gihe catanguye mu mwaka wa 312 kandi cabayeho gushikamu 606.

29 Ibiranga ico gihe ni ibi : inyigisho z'ikinyoma, cakinyoma ca Satani, gushirwaho kw'ubutegetsi bwa papa, n'ukwabirana kw'ishengerona Leta.

Impera ni iyi : Manu yanyegejwe n'ibuye ryera.

Ku vyerekeye inyenyeri, ku vyerekeye umumarayikaw'ishengero, mfatiye ku vyo Mpwemu Yera yanyeretse vyose, nahisemwo Maritino.Ni vyo nahishuriwe maze gusoma inkuru za kahise z'abera bo muri ico gihe.Nahisemwo Maritino kubera ko yari umuntu yubaha Imana, uko jewe ndabibona,ibango ry'ubukozi ry'intumwa yarirusha Patrick incuro cumi.

Patrick yari mwishwa wa Maritino. Mushiki waMaritino yari nyina wa Patrick. Gurtyo rero Maritino yari inarume wa Patrick.

30 Martin yabayeho kuva mu 315 gushika mu 399. Icatumyendamuhitamwo mu bandi bera b'ico gihe; vyavuye ku kuntu yigenjeje. Kandi muguhumekerwa n'Imana, sinibaza yuko...

Ishengero Katolika ntiryamushize mu gitigiric'aberanda, ntibamwemeye, kandi na co kiri mu vyatumye ndamuhitamwo. Ego! Kandiivyo bintu vyose tubona, ibigize ibango ry'igikorwa ryo mu buryo bw'impwemu,iryo shengero ry'abanikolayiti ryo mu ntango ryaramwanse. Ishengerory'abanikolayiti ryaranse ivyo bintu kuko vyari ivy'impwemu. Kandi nk'ukonamaze kuvyerekana ngaha, Ishengero ryaciye rishwiragizwa, inyigishoy'abanikolayiti na yo ica yemerwa n'abantu benshi, ariko Ishengero nyakuriryari rigizwe n'inkehwa, nk'uko vyamye biri.

Nk'uko nabivuze tugitangura, Yesu ni We yavuze ati :«Yemwe mwa busho buto, ntimutinye : So bimuhimbara kubaha ubgami.» Ni co gitumairi jambo ubwami ndariha insiguro y'Ubwami bwo mu buryo bw'impwemu. Kanditurafise Ubwami mu buryo bw'impwemu. (turabinezerererewe cane!) kandi muri ubwoBwami hari Umwami umwe! Mwame mwibuka yuko ari We Mwami w'abera, Umwamiw'abejejwe, ni We Mwami wabo abarongora.

31 Ubuzima bwa Maritino ni bwo bwakoretsemwo ibitangazavyinshi cane ugereranije n'ubwo abandi bose bo mu bindi bihe vy'ishengero. Mubihe vyose vy'ishengero uhereye kuri Paulo, yabaye umwe mu bantu b'impwemukurusha abandi.

Igitangaza kimwe mu vya mbere yakoze cabaye...Ndibaza ko yari umusirikare. Umusi umwe yaciye i ruhande y'umuntu arambarayehasi, yakongatajwe n'imbeho, ariko aradegezwa, kandi abashaka bose, na

koabatashaka gufasha uwo muntu, ariko bakaba babishoboye, baca i ruhande yiwebigira nka wa muherezi n'umulewi bavugwa muri wa mugani w'umusamariyaw'imbabazi. Ariko Maritino amushikiriye, kuko yatahura ico umukristo yizeraategerezwa gukora, yari yambaye umutamana umwe gusa, aca awucamwo kubiriakoresheje inkota yiwe, igice kimwe agihereza uwo yasegerereza na we asigaranaikindi gice. Kuri uwo mugoroba ni ho ivyiwe vyatangura kuko Yesu Kristo yaciyeamwiyereka yambaye wa mutamana nyene yari yaciyemwo kubiri; haba hashitseIcanditswe kivuga ngo : «Ko mwabigiriyeumwe muri aba bene Data bari hanyuma y'abandi, ni jewe mwabigiriye.»

32 Ibi rero bibigishe. Icocose uzokorera mugenzawe uzoba ugikoreye Kristo. Mwame muvyibuka! Tubivugirehamwe twese [Mwene Data Branham n'ikoraniro bavugiye hamwe bati : ico muzokorera abandi cose muzoba mugikoreyeKristo - U]. Ivyo umuntu yokwibazako ata co bitwaye, igifise ikimazi ni icoumwiyumvirako ari na co kizana umugisha.

33 Ico ni co gitangaza cambere yakoze, iba n'intango y'ibango ryiwe ry'igikorwa. Twobivugako vyinshiariko nta mwanya nobironkera. Kuko nifuza ko muzogaruka ejo ku mugoroba na burimugoroba wose; ni co gituma ntipfuza kubatevya cane.

Ni vyiza! Ng'iki ikindi gitangaza natoye ngondakibabwire kuri uno mugoroba.

Yarakora uko ashoboye kwose kugira ngo arandureivy'ubupagani, ntiyahuza na gato n'ishengero ry'i Roma. Ntiyahuza na gaton'ivyashingwa n'abungere bo mw'ishengero rya mbere ry'i Roma bari bacitseab'isi, n'ibindi kandi yarabarwanya. Ntiyahuza na bo na gato! Ndetse niigitangaro kubona yakomeje kubaho mu gihe nk'ico.

34 Umusi umwe yariko aricira ibiti vy'ikigabiroc'abapagani kandi asangangura igicaniro c'abapagani; hariho igitibaterekererako cari i ruhande y'ico gicaniro c'abapagani. Yariko aricira icogiti ariko benshi mu bari aho bikabashavuza. Yaciye ababwira ati : «Nimumbohereiyo iki giti gihengamiye, hanyuma mukireke kingweko. Namba ntari umuntuw'Imana, iki giti kiraja kunyica. Namba ndi umuntu w'Imana, Imana yanjeirashoboye kugihindukiriza ku rundi ruhande.» Ni co bita umuhigo! Ni uko rerobaca batangura kwicira ico giti, igihe ico giti cari gitanguye kugwa, caciyegihindukira cica umurwi w'abantu bariko bararorera. Imana yaragihindukije kigwakiraba ruguru. Cari igitangaza! Oh! Mu bikorane yagira hama habaibitangaza!

35 Ikindi gitangaza nariko ndiyumvira kuvugako ni icawa mwana yari yapfuye maze amwubararako. Yaciye azuka, Maritino amaze kumaraakanya amusengera.

Ikindi gitangaza c'akumiza cerekeye umwe mu baganza.Yariko yitegurira kwicisha abakristo buzuye Mpwemu Yera. Kandi birumvikana koyari umunyamabanga w'umwungere w'ishengero rya mbere ry'i Roma, na we muvy'ukuri akaba yari umupapa atarimikwa. Izina ryiwe ryari Damase, kandi yaricaabakristo bose yashobora gufata. Umugore w'uwo mutware yari umupagani afiseumutima wuzuye umwiza.

Igihe uwo mweranda Maritino yaza kugira ngoabavugire, uwo mugore yaciye abwira umugabo wiwe maze amubwira ko Maritinoyariko agerageza kuvugira abo bakristo kugira ngo ntibicwe. Birumvikana koigihe Maritino yashika aho ari, nta co yabaye agikiza kuko uno yari icegera capapa; gurtyo ntivyabuza ko yica abo bakristo buzuye Mpwemu Yera.

36 Ariko igihe Maritino yagomba ko babonana, abarinzibamuhagarikiye kw'irembo. Ni ho rero Maritino yaca apfukama aca arasenga kugezaaho Imana yamutegetse kwinjira. Igihe yahaguruka, yaciye agenda atumbereye ayomarembo yari yugaye, maze aca ariyugurura ari na vyo vyamutumye ashoborakwinjira.

Kandi rero, ibi vyose ni ivyabaye; si inkuruzisanzwe umuntu yoba yaranditse kuri we. Uko biri kwose, ivyo vyobamerera nabi,n'aho yoba yari imigani gusa ijanye n'ivyo gusenga; ibintu nk'ivyo ntibobivugakw'ishengero ry'Abaroma. Ariko murabona ko izi nkuru zivuga ukuri.

37 Maritino yabandanije agenda ba barinzi n'abandibamwitegereza arinda ashikira wa mutware mukuru. Ariko uyu na we ntiyagomvyekwubahiriza uwo mukozi w'Imana. Kandi ivyo ntivyerekana urupfasoni! Yaciyeyirabira hirya maze yanka kumwubaha. Ariko murazi ico Imana yaciye ikora?Maritino yagerageje kuvugana n'uwo mutegetsi, ariko we yagumye yirabira hirya,maze Imana ica irakora ikintu ku buryo uwo mupagani agaragaza icubahiro imberey'umukozi wayo; yaciye ishira umuriro ku ntebe yari yicayeko, maze bica bibangombwa ko ahaguruka.

Kandi rero, izi ni inkuru za kahise zihuje naBibiliya; bivugwa mu gitabo citwa Ya Nama Nkuru y'i Nikaya. Vyabaye ngombwa koyubaha umukozi w'Imana. Imana yaramugobereye guhaguruka. Yaranababuye n'intebeyari yicayeko; umuriro waraturiye impuzu ziwe, maze uramubabura ku nyo, mazebiba ngombwa ko ahaguruka bukwi na bukwi! Murazi, Imana irafise uburyo bwayobwo gukora! «Aya mabuye Imana ishoborakuyavyuramw'abana ba Aburahamu.» Kandi mwibuke ko ari ya Mana nyene irihagati yacu kuri uno mugoroba. Ni ya Mana nyene!

38 Iyindi nkuru nkunda, kandi nta yindi nongerako. Hariizo mfise hano, ariko iyi ndayikunda mu buryo bwiharije. Umusi umwe, yarikoarasengera mu cumba ciwe, ikoraniro na ryo ryari rimurindiriye.

Yari umuntu ahambaye, kandi yari ajejwe iryoshengero ryuzuye Mpwemu Yera; bose baribuzuye Mpwemu, ikoraniro ryiwe ryose. Kandi mu gihugu cose, abakristo barakoraibitangaza, ibimenyetso n'utwumiza.

Murabona ko Imana ivugana n'intumwa yayo, mazeintumwa yayo igaca ibwira abanyeshengero. Aho rero, igica gishika ni iki :agira uko ashoboye kugira ngo we n'abanyeshengero bangane imbere y'Imana.Mpwemu Yera yari mu mugwi wabo wose uko ungana.

39 Akenshi, igihe baba bariko barica umugwi w'abantu, bawica bawuhora gushingiraintahe Yesu Kristo, bafata umwungere wabo bakamushira hagati nk'uku, mazebagaca babicira rimwe bose. Mbega hari ibibi batakoreye abo bantu!Barabaturiye. Barafata abagabo maze bakababohera ku biti, maze bakabarekurirakoimbwa z'inyeshamba, barareka zikabarya zihereye mu mugongo, maze insogi zabozigasohoka umuntu atarapfa. Barafata abagore, bakabaca amabere y'i buryo,bagaca babarekera ngaho, umutima ukiriko uratera, kandi amaraso yabo yaravakugeza aho bacikana bakagwa. Bafata abana b'abagore bibungenze mazebakabagaburira ingurube, ivyo bikaba ba nyina babibona! Aho rero tutavuzen'ibindi!

40 Ntimwokwibajije yuko abantu bavuga ko ari abakristobashobora gukora ivyo. Ariko nimwumve ico Bibiliya, ivyo Yesu yavuze; ngo : «Igihe kigiye kuza, uzobica wese azogira ngw'agiriye Imana ikimazi.» Mwibuke kouwo Yesu nyene yavuze ivyo ari We yongeye kubura kubw'uwo Mpwemu nyene, kobizoba mu gihe c'iherezo. Ivyo bitegerezwa gushika. Namba ivyo bintu bindibihuje neza na neza n'Ivyanditswe, nimurabe maze mubone ko ivyo bihujen'Ivyanditswe bo n'inkuru za kahise. Imana yavuze ko ivyo bizoshika, none eheinkuru za kahise zitwereka ko vyashitse; aha Imana yaravuze ko ivyo bizoshika,none vyashikijwe harya. Murabona, biratunganye. None tuzokora iki nitwagera kugihe c'Ishengero rya Lawodikiya ari na co turimwo uno musi), ahazoba hariimivumo n'ivyo bintu vyose bivugwa kuri co?

41 Ni uko rero Maritino yari ngaho, ariko arasenga, mugihe ikoraniro ryari rimurindiriye. Ni ho rero uwusegerereza yaca adodora kumuryango maze arugurura, kuko Maritino yari afatiriwe, aca amusaba impuzu. Yarigusa kandi ntiyagira ico yambara kandi hari hakanye; Maritino yaciye amurungikakuraba umukuru w'abadiyakoni. Uno yaciye arakira uwo muntu asega maze acaaramusohora. Ni ho rero yaca agaruka aho Maritino ari, maze amubwira ko umudiyakoniyamusohoye.

Ariko wa mukuru w'abadiyakoni yaciye ashika ahoMaritino ari aca aramubwira ati : «Ikoraniro ryawe rirakurindiriye!Murabatebeje!» Ariko yariko arasenga. Vyari bikwiye ko akomeza gusenga gushitsaaho yumva Imana imurongoye kwinjira.

42 Kandi uwo asegerereza yaciye agaruka. Ni ho reroMaritino yaca yambura impuzu yiwe yambaye ayiha uwo asegerereza hanyuma acaarungika umukuru w'abadiyakoni kumuronderera iyindi. Gurtyo rero biba bibayengombwa ko aja kurondera iyindi mpuzu, ariko Maritino ni we yaciye ayambara.Kandi yari yambaye impuzu itari nziza imbere y'abantu, mu gishingo c'impuzuyiwe nziza.

Ng'iki ico ivyo bitwereka : mutange ico mufisec'akamaro kurusha, mutange ubugingo bwanyu, mutange umwanya wanyu, vyose mubiheKristo. Ico gihe Mpwemu, umwe yaba muri Kristo azoba muri mwebwe, kandi ku bomubana no ku bo mufitaniye imigenderanire, imico yanyu izoba isa cane n'iyaKristo ku buryo izoshitsa vya bikorwa nyene vya Kristo.

43 Mu kurangiza, abantu baja mu gitutu ciwe gusa mazebagakira. Ni ivy'ukuri yari akikijwe n'ubushobozi bwinshi bw'urukundo! Kandibavuga yuko igihe Maritino yariko avuga Ubutumwa yambaye iyo mpuzu idasa neza,ikoraniro ryose ryaciye ribona ko umuco uriko uramukayanganira hirya no hino.Murabitahura? Ni uko yari yakoze ivyiza.

Muhore mukora ivyiza; ni co Imana ibasaba,mwiyumvire ivyiza; ni co mukwiriye gukora.

Kuri uno mugoroba, tuja gutangura tugerageza gufataico kintu nk'icishimikizo muri kino cigwa cacu kuko ngaha Ijambo rivuga ivyobintu ribishimangiye cane.

«Kandi wandikireumumarayika w'Ishengero ry'i Perugamo, ut'Ufise inkota ikarishe...»

44 Ndagomba ko mwongera kubona yongera kwidondoraagaragaza kimwe mu vyerekana ko ari Imana. Kuri buri shengero, yerekana kimwemu bigize ubwiza bwiwe butangaje.

«Uwari afashe inyenyeri ndwi mu kuboko kwiwe kw'iburyo, Ufise inkota ikarishe.» Kandi ngo : «Uwari afise ibirenge bisank'umuringa w'umwakaka inyonga ziwe na zo zisa n'imbeya z'umuriro.» Yidondoraatwibutsa ubumana bwiwe.

45 Mwokwibaza muti : «None Ubumana buri hehe muri ikingo : Ufise inkota ikarishe (iva mu kanwa kiwe)?»

Buryaiyo nkota ni Ijambo. Twarabibonye tugitangura, mu Baheburayo 4 igihe twiga kubumana bwiwe. Mu Baheburayo 12, twasanze inkota ari : « Ijambo ry'Imana rifise ubukuba rifise ubugi buruta ubw'inkota

zose.»Si ko biri? Yari Jambo w'Imana. Ni ko biri? Reka turabe insiguro yavyomw'Ijambo ry'Imana. Muri Yohana 1 hatubwira ngo : «Ubwa mbere na mbere(haraciye igihe kirekire cane) Jambo yariho, ari na We yaremye Ijuru n'isi! Sivyo?»

«KandiJambo yahoranye n'Imana kandi uwo Jambo yari Imana. Kandi iyo Mana yihayeumubiri, ibana natwe» None ni ivy'ukuri? «Uwo Jambo yihaye umubiri abananatwe.»

Noneng'uwo ahagaze hano, Uwamyeho mbere na mbere. Aravuga ati :

«Bwiraumumarayika w'ishengero ry'i Perugamo.» Umubwire ibi, uti : «Ndi

Jambo w'Imana.»Oh, turasubira kumubona twigiwe imbere mu Vyahishuriwe Yohana, aje yambayeimpuzu zajobetswe mu maraso n'igitsibo ku mutwe, ari kw'ifarasi y'igitare kandiku kibero ciwe handitswe ngo: «Jambo w'Imana». Oh, ivyo ndabikunda! Ni WeJambo, Jambo w'Imana. Uko ni ko atwereka yuko ari Imana uhereye mu ntangoatubwira ko ari We Jambo.

46 Ariko namba ari We Jambo Rizima, Ivyanditswe hano muri Bibiliya biri mu bimugize,none rero namba mushoboye kwakira ibi muri We (ari We Jambo), iryo Jambo ricaribazamwo kubw'ukwizera (kukarihesha ubugingo). Oh, mubitahure! Ijambo ricaribazamwo iyo Mpwemu Yera ari muri mwebwe, riba ari Rizima kuva ricinjira,kandiisezerano ryose ari iry'ukuri. «... ni co gituma, hamwe mwobwira uyo musozimuti : shinguka!, kandi ntimukekeranye mu mitima yanyu... » Kubera iki? - ni kubera ko muba muri Imana irikoiravuga. Muravyizera? Bibiliya ni yo ibivuga. Kandi ico mwovuga cose kizoshika,ni mutagikekeranyako, hamwe mwoshobora gusohora ivy'isi vyose biri muri mwebwemukareka Mpwemu Yera akabagira abahungu canke abakobwa b'Imana bashitse(mutarimwo ivy'isi, ata kibarega mudakekeranya). Ico gihe muca mufata Ijamboryayo ari ryo Sezerano maze mukavuga muti : «Data ibi ni ivyo wasezeranye.»«... Satani ...» Hariho uwuca ategerezwa kugenda. Murabibona?

47 Ariko ivyo ntimushobora kubikora Imana itabanjekubahishurira ibijanye n'ivyo. Murabibona? Mumaze kumenya uko bija kugenda,mushobora guca muvuga nka Yesu. Yari Jambo. Si vyo none? Yamara, Yesu, umuntu,urusengero, yavuga ati : «Nta co Umwanaashobora kwigenera, atabonye Se agikora...»

Mu gihe cose tuba tutararihishurirwa ntiriba rirabaIjambo. Ivyo murabitahura? Ntibitangaje kubona badashobora gutahuraivy'umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristo, mu gihe Ijambo batarihishuriwe. Yamaranta hantu bashobora kuronka mu Vyanditwe hoba hari umuntu n'umwe yigezekubatizwa ukundi.

48 Ku vyerekeye Mpwemu Yera, Bibiliya ivuga yuko atan'umwe ashobora kuvuga ko Yesu ari Kristo, atabivugishijwe na Mpwemu Yera;ariko rero abantu bavuga ko batizera yuko Mpwemu Yera avuga ukuri. Murabibona?Ivyo ntibiri muri bo. Yesu yaravuze ati : «Nta n'umwe ashobora kuza kuri jeweData atamukwegereye, kandi abo Data yampaye bose (muri kahise) bazoza kurijewe.» Oh, ese ukuntu ari vyiza! «Abo Data yampaye bose bazoza kuri jewe. Ntan'umwe muri bo azopfa rubi, atari wa mwana wo gupfa rubi (ari na co yavukiye);nanje nzobazura ku musi w'iherezo.»

Oh! Aho ni ho tubona amazina yacu yanditswe muri caGitabo c'Ubugingo ca Wa Mwagazi w'Intama : kandi ivyo vyabaye isi itararemwa.Mbega ntibitangaje? Twosubira gukekeranya gute?

49 Oh Mana , kura ugukekeranya muri twebwe, ukebeimitima ya twebwe abantu, gushitsa aho hadasubira kuba ugukekeranya muritwebwe. Iryo ni ryo sengesho ryanje. Oh, Mwami, hindira kure ugukekeranya. Umpekubaho mfise ubugwaneza, nciye bugufi, kandi umpe kugenda nk'umwagazi w'intamaw'Imana kuri iy'isi. Ngende nk'uko We yagenda. Mvuge nk'uko We yavuga. Imigaboyanje imere nk'iyiwe. Abandi bambonemwo Yesu. Icompa jewe simboneke arikonkabonekera muri Wewe, Mwami; mpambwe wese muri Kristo, ugukekeranya ntikubekukironka ikibanza, ariko haboneke ikibanza gusa c'ivyo avuga.

Ubu rero ntimuve hano muvuga ngo : «Imana ihabweicubahiro! Haleluya! Imana ihimbazwe! Mwabonye ivyo nshoboye gukora? Imanaihabwe icubahiro!» Si vyo! Uko ni ko yakoze, oyaye! We yikubise mu gikirizaavuga ati : «Murabona ivyo nshoboye gukora?» Biratunganye! Ndi Wa Mwana! Oyaye!Ntiyigeze yihimbaza mu kintu na kimwe! Imana ni yo yahesha icubahiro, akamayicishije bugufi kandi akaba umugwaneza, ivyo bigatuma abantu bakunda kwigumirahafi yiwe. Abansi biwe bonyene ni bo... ariko yarabakunda cane ku buryo yamaabasengera. Kandi ni We karorero kacu, ni We karorero kanje, katwereka ukotwokorerera abandi nk'uko nawe yadukoreye.

50 Twongere twihweze ibi ku murongo wa 13.

«Ngo Ndaziah'uba kw'ari ho umurwa wa Satani uri; ntiwihakanye kunyizera...»

Baba aho umurwa wa Satani uri, ariko n'aho vyari ukobagumije Izina rya Yesu. Murabibona? «Ntiwihakanyekunyizera.» Yari yabahaye ukwizera kumeze gute? Ukwizera kwo kuriPentekote, kumwe kwo mu ntango! Aho hantu bari bafise ukwizera, kw'abanikolayiti, idini, n'ibindi. Arambwira ati:«Mwaritandukanije n'ivyo, mwavyanse nk'uko ndavyanka. Kandi ntimwihakanye Izinaryanje,

ntimwagiye mu vyo bita ibikorane, n'ibindi, mwagumye mwumiye kw'Izinaryanje. Kandi mwagumye munyizera, nk'uko mwatanguye.» Oh, ivyo ndabikunda!

«Ntiwihakanye kunyizera no mu misi ya Antipa, icaboba canjen'umugororotsi wanje yiciwe iwanyu aho Satani aba.»

Aha ngira ndahahagarare akanya gato. «Umurwa wa Satani.»

51 Tugira duhagarareakanya gatoya kuri ivyo bintu : ndagomba ko mubitahura neza. Muje kumenya nezako mwabitahuye! «Umurwa wa Satani...» Kuvamu ntango Imana yaravuze aho umurwa wa Satani wari uri: Hari i Babuloni. Ni houmurwa wa Satani wamye uri, no mu Vyahishuriwe Yohana ni ko biri. Ariko mwitegerejeneza, Babuloni yarahindutse ntiyaba ikiri Babuloni y'abapagani ihindukaBabuloni itwarwa n'abapapa.

Mu bihe vya kera, imyaka mike imbere y'iki giheturiko turavuga, Satani yashinze umurwa wiwe... nibaza ko bamwita Umwamiw'Umuherezi; ni ukuvuga Umwungere Mukuru w'Abakaludaya. Izina ry'uwo mwungeremukuru w'i Babuloni ryari Attalus. Igihe Abaperesi bigarurira Babulonibakirukana abakaludaya, uwo mwungere mukuru Attalus yaciye ahunga ava iBabuloni aja gushinga umurwa wiwe n'ubutegetsi bwiwe ahandi hantu, ari ho iPerugamo. «Umurwa wa Satani uri ahouba.» Ivyo mwabitahuye?

52 Ni co gitumanahereye iyo kahise k'ishengero gahera : nashaka kumenya icari cabaye igiheyavuga ati : «Aho uba, ni ho umurwa wa Satani uri. »

Nakomezakwibaza nti : «Ni hehe twoshobora kubona ivy'uwomurwa wa Satani?» Ni ho reronabona ko uwo mwami ahambaye, yashitse muri ico gisagara c'i Perugamo caganzwan'Uburoma amaze guhunga abaperesi bari bamutsinze (ivyo bihuje n'ivyo Daniyeliyeretswe), aca ahagira umurwa wiwe mukuru. Satani umurwa wiwe yaciye awukura iBabuloni awushira i Perugamo, ari ho yahavuye agira Babuloni nsha. Ubu reromurabonye ivyo turimwo.

Kandi aho ni ho mwene Data adasanzwe Antipa yiciweahorwa gushingira intahe Kristo.

53 Hanyuma aca arahindura uburyo bwo gukora. Yariyatanguye ahama abakristo. Oh, ese ukuntu yanka ivya Kristo! Kandi uwo nyene niwe yari umwungere mukuru w'umupagani muri kamere no mu nyifato. Hanyuma acaahindura uko yabona ibintu aja kwifatanya na Constantin.

Constantin yamye ari umuntu yemerwa (kandi n'ubuababapapa baracamwemera); nk'aho ari we yatanguje urwego rw'abitwa aba«Chevaliers de Colomb» [Bari abantu barwanira agateka k'impahazwa — Uwm.]barahira hakoreshejwe maraso. Ariko Constantin ntiyigeze yihana (ibi ndabivuganye ukwubaha bivanye n'ivyonatahuye ndiko nsoma ivyerekeye kahise).

54 Umusi umwemw'ijoro yararose : Abona umusaraba, kandi abwirwa ko azotsinda kubwawo,akanesha urugamba, maze kubera ivyo, aca yemerera abakristo ko bidegemvya, kandiko na we nyene azoca aba umukristo ni bamusengera agatsinda urwo rugamba. Kandinarashitse kuri ico kiraro, aho yaroteye ivyo, igihe yikangura yaciye acapishaumusaraba wera ku nkinzo yiwe no ku z'abarwanyi biwe. Uko niko havutse urwegorw'abasoda bitwa «Chevaliers de Colomb» begukira ishengero Katolika ry'i Roma.Ariko ntiyigeze akora ivy'ukugororoka; ikintu kimwe conyene yokoze kandicanditse mu nkuru za kahise, mu vyo jewe nabonye, kwabaye ugukoresha umusarababakawushinga ku gasongero k'urusengero bitiriye « Sofiya mweranda ». Ariko yariumunyepolitike, kandi igihe yaba umwami w'i Roma yaciye yifatanya n'uwomuherezi w'umupagani, abo babiri baca bashinga ishengero ry'akazuyazi ryitwairy'Abanikolayiti muri ico gihe (bari abakristo barondera gushinga inzegomw'ishengero). Kandi twarabonye abanikolayiti abo ari bo igihe twiga ivy'amashengeroya Efeso na Simuruna.

55 Aha rero, ivy'abanikolayiti ntivyari bikiriibikorwa nka hariya mu ntango ariko aha vyaciye bicika inyigisho. Hano vyari bikiri ibikorwa, bari bakigeragezakuvyinjiza; ariko mu nyuma, mu gihe ca gatatu c'Ishengero, vyaciye bicikainyigisho, bashiraho n'abapatiri bakuru bakuru, abantu bahambaye. Ntibaribwabite « abapapa », ariko bitwa « abasenyeri bakuru », kandi baguma ari abantuba rurangiranwa. Inyigisho yari yacitse umugenzo.

Bakomeza kwitandukanya n'Ishengero ryari ryuzuyeMpwemu kandi rikarongorwa na Mpwemu Yera. Baca banka za nkehwa, bakabita«abantu bakavya» kuko batemera ayo madini akomeye. Ariko Ishengero nyakuriryashaka kuguma mu mwidegemvyo riri mu burongozi n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera,bivanye n'uko Kristo yari yarabasezeraniye ko azobana na bo, kandi ni We yariUmwami wabo. Umwami wabo!

56 Ishengero nyakuri ntiryigeze rihindura inyifato,ntiryigeze ryemera kurongorwa na komite nyobozi kanaka, canke sinzi ukuntu ivyobavyita kino gihe; harimwo abakaridinari, abasenyeri, n'abapapa, abantubatigera bihenda. Twizera ko hari umwe gusa atihenda; ni We Mwami wacu, ni Yesu Kristo ari kumwe na twe mu buryo bwaMpwemu Yera; Imana muri twebwe, iba muri twebwe ikaturongora itujana kw'isokoy'Ubugingo, yongera itwihishurira, itwereka ko ari We Mwami Imana yaremyevyose, akiza abarwaye, azura abapfuye, atuma abantu berekwa, akirukanaamadayimoni nk'uko yari yarabikoreye

hagati y'abera ba mbere n'abishwe bahorwagushingira intahe Kristo.

57 Mu basenyeri bari bagize urwego rukuru nyobozirw'i Roma, abapapa n'abandi, inkuru za kahise ntizitubwira ko hari n'umwe muriabo basenyeri yigeze azura n'umuntu n'umwe canke ngo akore ikintu gisa nk'icokuko Kristo (ari We Kuzuka) atari mu mitima yabo! Bari bagiye hamwe kugirabagire idini gurtyo baba bagurishije ivyo kuba samuragwa kwabo. Ishengerory'Imana Nzima ryari rifise Ubushobozi bwa Kristo; iryo shengero rindi ryaririfise abanyacubahiro; ariko ishengero nyakuri ryagumanye Mpwemu. Ivyomurabitahura?

58 Ubu naho turabe ibi. Ng'ibi ivyo Constantin yakozemu gutsimbataza ubwami bwiwe. Yatumbereye abo banikolayiti (vyari ibintu bisan'ivya gikristo). Ivyo murabitahuye neza? Bari abigira abakristo bakavuga koari abakristo ariko ntibagira Mpwemu Yera. Oh, nagomba ko ico kintukibinjiramwo ku buryo kitazobacika! Murabibona? Bari abakristo, abakristob'idini batagira Mpwemu Yera. Bari abakristo kw'izina, bakiyita abakristo kukobaja mu makoraniro, barafata Ingaburo Yera kandi bagakurikiza ivyashinzwen'abantu, ariko bakanka uburongozi bwa Mpwemu Yera. Nta n'ikimenyetso cankeigitangaza bari bafise muri bo, kandi bamamaza ko ivyo bintu vyataye igihe, kobategerezwa gushinga ishengero kugira ribe ari ryo riganza. Ivyo turajakubivugako mu kanya, kandi turaja kubona uko kuganza kuvugwa ukwo ari ko.

59 Ishengero rya Mpwemu Yera ryo ryategerezwa kwirindaibintu nk'ivyo. Ariko ku vyerekeye Perugamo, icete cose uko kingana candikiwe umumarayika w'ishengero ry'i Perugamo,kubera ivyo bintu ari we yari abijejwe.

Constantin ntiyitaho ivya gikristo. Ico yashakakwari ukwinjiza ivy'igipagani vya ba sekuruza ari ryo shengero ryiwery'igipagani. Kandi aho hariho rya shengero ry'abanikolayiti ryari ryashinzeimizi ritanguriye i Roma kandi ryari rimaze kwimenyekanisha cane, abantu benshibari bacitse abakristo ariko bari abigira abakristo, abakristo bishushanyaishengero nyakuri ryo bari inkehwa; ivyo ni ko vyamye kandi ni ko bizokwama!Ngira ndindire akanya gatoya kugira bibanyengetere neza cane.

Mwibuke koIshengero nyakuri ryamye ari umugwi mutoya ataco uvuze, wankwa n'ayandimashengero. Ishengero nyakuri ntiryigeze riba idini, kuko atari ishirahamwe, niUmubiri utaboneka wa Yesu Kristo uri kw'isi, Mpwemu Yera agendagenda mu ngingozawo. Ni co gituma Kristo mudashobora kumugira idini, nta vyo mwoshobora.Ngomba ko muguma mushikamye neza kuri ivyo, kuko turi mu gihe ca Lawodikiya.Mwame muvyibuka kandi mubishire muri ntibate, kuko ijambo ryose mvuga rifatwaku makaseti.

60 Ivyo murabigumya mu mitima yanyu, ntimuvyibagire : ishengeronyakuri ry'Imana ntiryigeze riba idini.

Ishengero Katolika ni ryo dini rya mbere rizwimw'isi yose ata rindi dini rirabaho. Mu vyukuri ni ryo dini nyina w'ayandi,nyina w'amadini. Bibiliya ni yo ivyemeza, rero ntimushobora kubihinyuza. Ivyobavuze ko ari «ishengero nyina w'ayandi », ni kubera ko ari ryo amadiniakomokako. Rivugwa mu Vyahishuriwe Yohana 17, turaja kubishikira tudatevye.

61 Ni uko rero Constantin, mu ciyumviro ciwe co gutsimbataza ubwamibwiwe. (Nk'uko Uburoma bwama bubikora mu kugenzura isi), yategerezwa kuzanaivyiyumviro vyiwe vy'igipagani no gufata ivyiyumviro vy'igikristo akabivangakandi akabifatanya vyose kugira ngo yishingire ubwami buzoba bukomeye kurushaubundi bwose bwo mw'isi. Murabibona? Ivyo bica bituma Constantin abaigihangange gikomeye mw'isi yose.

Ku vyerekeye kwihana, yariumunyepolitike gusa, ariko ntiyari umweranda w'Imana nk'uko bamwe bageragezakuvyizeza abantu. Ntiyari umugororotsi. Sinzi ko hari ikintu na kimwe yobayarigeze akora cerekana ko yari umukristo. Yamanitse umusaraba kuri rumwe mumasengero y'abanikolayiti, kiretse ivyo nta bindi yakoze bisa n'ivya gikristo.Uko biri kwose, nta co ndabiziko. Kumbure ko, uko biri kose, muri rya joroyacapa imisaraba ku nkinzo ziwe, igihe abakristo bariko baramusengera kugirango atsinde urugamba.

Ivyo bibabikomeje ubwami bwiwe. Kubw'ivyo yaciye atanguza imisi mikuru y'igipaganimw'ishengero gikristo ry'abanikolayiti. Icari gitanguye, ni ico nokwitaishengero ry'idini ry'abishushanya. Yinjije imisi mikuru y'igipagani muri iryoshengero ry'abanikolayiti, ivya Katolika biba biratanguye.

62 Bene Data, ndiko ndasubiramwo gusa inkuru z'ivyakahise. Mfise abagenzi ibihumbi b'abakatolika kandi n'abagenzi banje kurushan'abaporoti. Ndetse, abaporoti nta co bafise bobagiriza! Muraja kubibona kumpera y'uno mugoroba! Muraja kubona ko bakoze co kimwe. Isafuriya ntiyotwengainkono ngo yuzuye «imivyiro»! Ni ya mpwemu yagiye kuri bamwe no ku bandi.Muraja kubona rero igituma ivyo ndabicirako iteka nshimitse. Kubera ko ariibinyoma! Impwemu ubwayo iri muri jewe, hamwe nogerageza... hari ikintu murijewe kiguma kivyanka, sinshobora kubikora, sindigera ndabishobora.

63 Abarongozi bahambaye b'amadini barambariye bati :«Uzohava wica ibango ryawe ry'igikorwa mwene Data Branham! Ukora ibintubitakuraba.

Imana yaguhamagaye ngo usengere abarwaye.»

Imana yampamagariye gukora ikirengeye gusengeraabarwaye. Indwara ni ikintu nshobora gukoresha mu gukangura abantu, nta bindi,indwara, gusengera abarwaye ni ikintu gitoya; muratahura? Ica ngombwa niUbutumwa. Umuntu arwaye ashobora gukira indwara, agasubira akarwara hanyumaagapfa. Ariko umuntu yavyawe na Mpwemu w'Imana aba afise Ubugingo budashira. Nico gituma Imana itagomba gusa gukiza abarwaye. Iyo ngabire iri mw'ishengerokubw'ishengero nyakarambi; hariho iyi ngabire hakaba n'izindi zose. Murabibona?Izo ngabire nta kindi zikora atari ukugendagenda mw'ishengero. Ariko harihoikiruta ivyo, kandi nibaza ko mubitahura?

64 Abakristo n'abapagani bagiye hamwe kugira ngobagire ishengero rimwe rudende : ivyo vyavuyemwo ivy'abakatolika.

Oh, ubu rero noshimye kubona ka gapapuro umuntuumwe yari yashize ngaha kuri wa musi ku mugoroba! Nari kukazana ariko nsanganakibagiye; hari ibintu vyinshi bitembagara mu biro vyanje! Ubu bakora ukonyene kandi mwatanguriye aho mwatora wa muntu muheruka gutora. Ubu barikobakora kugira ngo baronke Bibiliya itazotsitaza abakatolika, Abayuda cankeabaporoti. Bazobakorera Bibiliya bazosoma bashobora guhurirako. Murabonaubugome bw'uyo Constantin wundi? Ivyabaye vyongeye kuba! Mwarumvise ndabisoma,kuri wa musi ku mugoroba, si vyo? Ariko ako gapapuro nagasize muhira! IyoBibiliya bamaze igihe bariko barayandika.

65 Ubu bavuga bati : «Mu 1962, hazoba...» Kandimumenye ko papa Yohani wa 23 yasavye ayo mashengero yose matomato ko asubirakwa nyina yayavyaye. Ntimuhagarike imitima, ni co azokora. Ariko arataha;yaramaze kugaruka! Ntiyirirwa aragaruka,yaramaze kugaruka.

Nk'uko nabivuze nti : «Abantu bo muri iki gihugubavuze bati : Kennedy yotorwa, abakatolika bazoca batuganza!» Kutuganza?Vyabaye kera kandi ntavyo mwigeze mubona. Ni nde ahemba abigisha babo? Ivyobakeneye mu mashure yabo babironka gute; kandi bashobora gute kwigisha ivyaKatolika mu mashure? Kandi mwebwe mutanga intererano ni mwebwe mubiriha! Ivyobabikorera imbere yanyu! Oh ese ukuntu yakoze neza! Kandi Bibiliya yavuze koazokwigarurira abantu kubwo ubuhemanyi bwiwe kandi ivyo ni vyo yakoze; niukuri! Murabona, amakori muyatangira ubusa: Oh, ivyo twobivugako vyinshi! Ivyoubu dukwiye kubireka maze tukagaruka ku cigwa cacu.

66 Mu kugira ivyo bitangure, Constantin yashizehoibintu vyinshi vy'isi bisamaza bigenewe gusamaza abapagani n'abakristo nokubinjiza mw'ishengero. Mwiyumvirira muri mpwemu? Nimuvyiyumvireko? None ubu sibwo Butumwa bwa kino gihe? Ishengero riratunganya inkino z'amahera, amakesha,rigatanga amamodokari mu ntumbero yo kubegeraniriza hamwe. Bafataniriza hamwe izonkomezi zose gushika aho baronka ahantu ho gukubita.

Ivyo biriko bibera aha iwacu.

Ariko rero ibi, biri mu vyabaye. Abanditse ivyo ntaco bapfa n'umuntu n'umwe, nta kindi bakora atari ukudondagura ivyagenda biraba.Vyukuri Constantin yarabikoze, yegeranije ikoraniro akoresheje ibisamaza vy'isivy'abapagani, kugira ngo ishengero ry'abanikolayiti rije hamwe. Ariko mumenyeko atashobora gukora kuri iri shengero ryavutse ubwa kabiri. Haba namba! Ntan'umwe yashobora kugira ico amugira. Ariko ishengero ryishushanyary'abanikolayiti ryaguye muri uyo mutego.

67 None dufise ibi muri aya mashengero y'abaporoti?Imisi mikuru irimwo amazimano, ibisamaza, imigwi yo kugira imyimenyerezo kurubura, kugurisha amaparuwasi, n'ibindi. Murabibona? Murazi ko ari Ukuri! Nonerero bagenzi banje namba ari Ijambo ry'Imana, ni Ukuri. Kandi amashengero yosey'abaporoti ni ko akora!

Amazimano yo kwinezereza, amazu yo gutambiramwo yomu kuzimu, n'ibindi vyose vy'isi bizana amahera yo guhemba pasitori n'ibindi,mu nteguro y'Imana ivyo ntibirimwo. Iyo baba bigisha gusa abantu gutangaikigiracumi vyobaye bihagije. Iyo ni yo nteguro y'Imana! Imana irafiseinteguro, ariko umuntu yama ashaka kugira integuro yiwe bwite, integuro y'Imanaakayigira ikivange.

68 Ivyo babikoze, baciye biyunga baraheza bakoraikintu cahavuye gicika idini Katolika rya mbere. Hanyuma mu nama y'i Nikaya...igihe nabisoma naciye mpfukama! Inama nkuru y'i Nikaya yabaye mu mwaka wa 325,bose barakoranijwe : abungere bo n'abakuru mu vyizerwa bahuriye i Nikaya. Ni cogituma bayita Inama Nkuru y'i Nikaya, yabaye mu 325. Kandi abarongozi bashikaigihumbi n'amajana atanu bari baje muri iyo nama, muri iyo Nama Nkuru -abarongozi bangana hafi igihumbi n'amajana atanu, kandi abanyeshengero barushaigitigiri abungere ku buryo umwungere wese yari yazananye n'abanyeshengero nkabatanu; ariko rero n'aho vyari uko, biciye ku banikolayiti (abishushanyabakonje) n'umugambi w'ivya politike ya Constantin, ni bo baciye batsindaIshengero nyakuri, biciye mu matora, baratsinda, baca bashiraho abasenyeri,urwego rweranda rwashizweho n'umuntu, bakuraho Mpwemu Yera mw'ikoranirobamushira ku basenyeri, abakaridinari, n'abapapa, n'abandi.

69 Ayo ni yo mabi umugambwe w'abademokrate wadukoreyekino gihe! Ni ukuri! Abo mu mugambwe w'Abarepuburika nta n'ico babarushije!Ariko ndiko mvuga ikintu cemerejwe muri Californie (Edgar Hoover)

n'abandibenshi : hariho imashine zo gutoreramwo zagoretswe ku buryo uyishizemwo ikaratautoye umushingantahe Nixon, waba utoye na Kennedy. Ntiyari gushobora gutsinda.None ko ubu berekanye ko vyarimwo ubusuma, ni kubera iki ata na kimwe bakoze?Ni kubera yuko turi mu gihe c'iherezo! Barabizi, barerekanye yuko zarimwoamahinyu kandi nta n'ico bazokora!

70 No mu ntango, vyari ibintu birimwo amahinyu kandin'ubu turabona ko vyasubiye kuba. Gushiraho umuntu kanaka, gushinga inyigishokanaka, ya nyigisho y'abanikolayiti; ivyahora ari ibikorwa gusa bica bicika inyigisho.Mu gihe ca Al smith, vyari ibikorwa,ariko aha ho vyari vyabaye inyigisho.Ego me! Ubu rero ni aha biri kuri twebwe. «Oh, mbega ukuntu azoba ari umukuruw'igihugu w'igitangaza!» Ata gukekeranya! Kandi azokora ibishoboka kuburyo yegeranya abo bapagani n'abobakristo bishushanya!

Abo bapapa n'abakaridinari bariko bandika Bibiliyaizoshobora kubahuza. Musenyeri mukuru w'i Canterbury, musenyeri mukuru wo muBwongereza; twarabonanye, turaramukanya, jewe ubwanje twarivuganiye igihe narimu Bwongereza; yari yambaye vya bintu abakinyi bambara ku mirundi vyadugakugera mu rukenyerero. Ni umuntu yambara nabi! Ariko yaragiye kubonana na papa,ni bwo bwa mbere ikintu nk'ico kiba kuva mu myaka amajana n'amajana yari ihaciye.Ivyo bisigura iki? Turi mu gihe ca nyuma.

71 Ni co gituma kuri uno mugoroba mpagaze hano simbendi ahandi hantu kuvuga Ubutumwa no gusengera abarwaye. Sinoshobora kuja hosengo name nsubiramwo ubu Butumwa urudaca, ntaruhuka, ni co gituma tubufata kumakaseti maze tukaburungika mw'isi yose kugira ngo baburirwe maze bagaruke kukwizera.

Kuko no mu mpera ya ca gihe c'ivy'ubukristo, Yuda,Igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana kitarandikwa, Yuda, azwi ko ari mwene nyina naYesu, yavuga ati : «Nipfuza kurwaniracane ukwizera abera bahawe rimwe gusa.» Ico gihe, Umwami Yesu amaze gupfa,batanguye kuja kure yakwo. Mbega none ubu, ni bangahe batagiye kure yakwo!Murabibona?

72 Rero iyo nama ya mbere ari yo y'i Nikaya yabaye mumwaka w'325. Ariko muri iyo nama y'imitongano n'ibihari, abarongozi bashikaigihumbi n'amajana atanu baciye bakandamizwa. Abo rero baciye babaganza bacabatora mu buryo abanikolayiti ari bo baciye batsinda, kandi ivyo, kwari ukugirabigarurire ishengero ryose ngo riganzwe n'abapapa, abasenyeri, n'abandi,ishengero baryaka ububasha babuha abasenyeri, kugira ngo abasenyeri barongoreishengero, babe ari bo bonyene bagira ijambo.

Ubu murabona ibibera mw'ishengero Katolika? Bati:«Ntimukwiye gusoma iyi Bibiliya, kuyisobanura si ivyanyu.» Ivyo ni ivyaMusenyeri. Murabona iyo ivyo biva? None rero vy'ukuri murashobora kubonaivy'Abanikolayiti ivyo ari vyo kuva bigitangura? Aho ni ho vyatanguriye, niivy'ukuri. Vyasa n'uko ari ivya gikristo, kandi ni ko bizokwama!

Ivyo mu baporoti bikorwa hisunzwe ivyo. Bibiliya,mu Vyahishuriwe Yohana 17 ivuga ngo : «Uyomugore n'abakobwa biwe» Umwami niyabikunda turaja kubigarukako mu kanyakari imbere. Muraja kubona yuko n'uno musi ari ko biri, barabibandanije.Constantin yakoresheje amayeri nk'ayo Balamu yakoresheje.

73 Ubu rero, ngomba ko mukora uko mushoboye kwosemutege yompi. Ahamuri Bibiliya avuga ati :

«Niwumire kukwizera kwanje» «... ariko mfise ivyonkugayako bike, kukw'i wanyu uhafise abakomeza...» (atari aha,ariko harya; «urafise abantu mw'ishengero rya Perugamo»)... Abakomeza inyigisho za Balamu, yigishijeBalaki gushira igitsitaza imbere y'Abisirayeli, kugira ngo baryeivyaterekerejwe ibigirwamana bashakane.»

Constantinyakoresheje ayo mayeri nyene Balamu yakoresheje. Iyo nama iheze baciye bagiraigikorane aho abasenyeri baciye bagirwa abaganza amashengero ngo bayarongorebongere bake abanyeshengero ububasha bwose. Abo nta burenganzira bwo gufataingingo bari bagifise, nta n'ubwo gusigura Ivyanditswe. Abapadiri gusa ni bobasigura Ivyanditswe.

74 Haciye igihe, bahavuye bashiraho umupadiri ahambaye, icariho : yari umupapa. Ububageze aho bemeza yuko «Patiri wenyene ari we atahura, ikoraniro na ryontirikeneye gusoma Bibiliya, nta co rikeneye gukora.» Vyukuri ntibemererwagusoma Bibiliya. None ubu, vyose baravyigaruriye, kandi ivyo twaravyemeje mumatora, kuko ivyo vyasa neza!

Ivyovyasa neza kuko bari abatunzi, n'ibindi. Muri iyo nama ihambaye, igiheyabakoranya, Constantin yaciye aha abo basenyeri amazu meza meza n'amafaranga.Ivyo bintu vyiza vyiza vyose nk'ayo mazu n'ibindi. Yayahaye ishengero ngobazoyakoreshe nk'ahantu ho gusengera n'ibindi. Oh, yari amazu meza. Atunganijeneza, maze aca ayaha ishengero!

75 Si ivyo gusa, abo basenyeri yabahaye imyambaro myiza, n'imitamana n'ibindi vyokwambara musi. Ikigeretseko yubatse ahantu hataramutse nk'uku - maze abashirahonk'ibigirwamana. Kandi musi yabo ahubaka ibicaniro bikoresheje amabuyey'agaciro. Ibi yabikoze yishimikije ivyiyumviro vy'igipagani mu

gutanguza ivyagikristo akoresheje abasenyeri babo. Murabibona? Bahomvaguye ca kigirwamanabashiraho wa musenyeri. Bamwubakiye igicaniro kimwe baca bamugira ikigirwamana.Bashize hejuru wa musenyeri, aba nyene ijambo kandi bamwambika inyambarabamizatuma asa n'ikigirwamana. Aho kumushariza nk'uko bashariza ibigirwamanavy'igipagani vyabo, bamwambitse ikanzu nk'iyo Yesu yahora yambara. Murabibona? Hari ukuntu babikoze ku buryo yicaye ku ntebe yiwe y'ubwami yasan'ikigirwamana.

Murashoborakwibaza ivyo abo bapagani bavuga; bati: «Rero, ko bimeze uko, birankwiye,hariho ushoboye kutwishura! Kera twahora tubwirwa ikigirwamana, ariko ubu,turafise uyu muntu atwishura.»

76 Abakristo na bo baribaza bati : «Rero biratunganye!Ubu turashobora gukora ico tugomba cose! Kuko ng'iyi imana yacu. Turashoborakuyibwira, irashobora kutwishura ikatubwira n'ico dukwiye gukora. Ducumuyeturayibwira, turakora akanevene canke ikindi kintu! Kandi ako kanya nyene, vyose bica bitungana.Duca dusubira inyuma twumva ko twongeye kubohoka! Ataco twinona.»

«Oh,ivyo bisa neza cane!» Koko, ivyo vyama bisa neza cane mu vyiyumviro vy'umubiri,ariko ivyo ntimuzokwigera mushoborakubitamika umwana w'Imana yavutse ubwa kabiri. Ntimuzokwigeramushobora kubikora, kuko arazi Iyo yizeye, kandi arazi neza yuko Iyo ishoboyekuzigama ico yayibikije gushika kuri wa Musi Uhambaye. Kandi twibagira ibiriinyuma. «Tubandaniriza gushika aho dutanguranirwa, ku mpera y'umuhamagarow'Imana muri Kristo Yesu wo kuja mw'Ijuru.» Amen! Oh! Ese ukuntu ndabishima!

77 Ari hejuru y'igicaniro gikozwe n'ibuye ry'agaciroryitwa marimari, na we ari harya hejuru, yambaye inyambarabami, ari murusengero rwiza! Oh, vyose babitunganije neza! Ni vyiza cane! Kandi icogicaniro ciza cane gikozwe n'ibuye ry'agaciro ryitwa marimari! Mwategerezwakubibona uyu musi, ni co kimwe! Bikuyengejeko izahabu, bisharizishijwe utubuyetw'igiciro, muri ivyo bicaniro harimwo utubuyenge hose. Ni akaroruhore! Muvy'ukuri ivyo vyari bibereye abanikolayiti n'abapagani! Murabona ivyo yakoze?Yafashe imisi mikuru y'igipagani; n'ivy'iyumviro vy'igipagani, hanyuma afataivya gikristo, abishushanya bakonje ataco bari bazi, batari bafise Mpwemu Yerawo kubarongora, aca abakorera ikigirwamana kuri ino si, abubakira igicaniro,imana igihagararako kugira ngo iharire ivyaha vyabo. Mbega muri ab'impwemu? Muratahura ico nshaka kuvuga? Mbega murabona ivyo ari vyo? Uguharirwa ivyahakw'aha kw'isi!

78 Ivyo si ivyo nigeneye, ariko nabikuye mu nkuru zakahise. Ndashobora kubaha inomero y'urupapuro rwanditseko izo nkuru z'ivyakahise zanyegejwe, nk'uko nobikora iyo ndiko ndababwira ivya GeorgesWashington, Abraham Lincoln, n'ivya rwa rugamba rw'i Gettysburg. Nta nkeka!Ivyo ndiko ndababwira vyose biri mu nkuru za Kahise.

Ariko ivyo ntivyari bibereye na gato Ishengeroryavutse ubwa kabiri! Haba na mba! Igihe bashira hejuru umuntu bakamugiramusenyeri mukuru wo guhimbaza imisi mikuru, nkako ivyo vyaciye vyirukanaubutumwa Bwiza Bwuzuye! Ninavyo biba muri kino gihe. Ibi bihe vy'ishengero niurukurikirane kandi bigenda vyinjiranamwo. Igihe cose cari gifiseivy'ukwishushanya. Oh, iyo umunyacubahiro ashizwe hejuru nk'aho yoba ari imana,ntihabura ibirori!

Mumenye yuko abapagani basenga ba sekuruza babobapfuye. Kandi mu mashengero y'abaporoti, barahaguruka bakavuga bati : «Ndemeraishengero ryeranda ryagenewe bose, n'isangira ry'aberanda.» Mwa Bametodiste,mwa Baperesipiteriyano namwe mwa Baluteriyano murateye isoni. Igihamagaraabapfuye cose kiba ari ic'ubupfumu. Nta nkeka! Ariko ubu abaporoti ntibobabagitwenga abakatolika kuko bakora nkabo kandi baravyatura badakekeranya kobizera co kimwe, binjizwa neza na neza mw'ishengero Katolika n'umubatizo wabo womu mazi, bakanka kandi bagasuzugura abagerageza kubikora neza, bajanwa kurusengero n'ukuraba abantu bakomeshwa akaruru n'ubushobozi bw'Imana,bagahagarara hanze kugira ngo babicokore!

79 Murabona, impwemu ntizipfa, abantu barapfa arikoimpwemu ntizipfa. Murabitahura? Mpwemu Yera ntashobora gupfa. Yari kuri Yesu,ubu naho ari mw'Ishengero ryiwe(azogumamwo gushika aho azozira gutora Ishengero ryiwe,uko ari agace kiwe)Murabibona? Abo bahama abandi bakabacokora kera, n'ubu turabibona. Imana ikuraumuntu wayo kw'isi, ariko ntikuraho Mpwemu wayo. Wa murwanizi akura umuntu wiwekw'isi ariko ntakuraho impwemu yiwe.

Ba baherezi bemeza ko Yesu yicwa, bavuga yuko arikamenyi canke idayimoni, bari abanyedini ba mbere babaho. Ni ivy'ukuri! Baribazi Ivyanditswe umurongo ku wundi, ariko ntibari bazi insiguro yavyo nyakuri.Bari bafise ivyiyumviro vyabo bwite kandi nta kindi bagomba kwumviriza. Igihebamubona, vyabagendeye gute kudashobora kubona yuko Yesu yari ahuje n'ivyoabavugishwa n'Imana bose bamuvuzeko vyose? Ariko bari impumyi. Imana ivuga yukoyabahumye amaso kubwo intumbero kanaka, kugira ngo turonke akaryo ko gikizwa.

80 Bibiliya yabivuze bitaraba, yuko twebwe turi mugihe ca Pentekote, tugenda amenya, turi abatindi, impumyi tukaba tutabizi. Hariimigenzo y'ishengero; y'igihe ca Filadelufiya. Oh, yemwe Babatiste,Baperesibiteriyano n'Abapentekote mwishushanya muracari aho! Sinama mbwiraabicaye ngaha gusa, ivyo mvuga birafatwa amajwi, murabona, kandi ndazi iyobija. Murabitahura? NIMWIHANE! Nimugaruke kuri Bibiliya! Nimugaruke kuri

Kristo!

81 Ni vyo vyabaye. Ubutumwa Bwiza bwuzuye bwashizwe kuruhande. Ibimenyetso n'ibitangaza vyarakuwe mw'ishengero, kandi igihe umurwiw'abari bafise Mpwemu Yera wirukanwa, abandi baciye bahakana ko ibintu nk'ivyobitigeze kubaho. Kino gihe, bakora nk'uko nyene! Neza na neza ni co kimwe.Ntimubona impwemu iri inyuma y'avyo? Nk'uko nabivuze ngitangura, nimubeab'impwemu, hanyuma mureke Imana yugurure imitima yanyu. Ntimugumaneivyiyumviro bitari vyo, muhagarare maze mwumvirize muvuge muti : «Mpwemu Yera,nubimpishurire. Ndabona ko ari vyo!»

82 Ibirori! Ivyo bibera hehe? Mu Babatiste, muBaperesipiteriyano ndetse no mu Bapentekote, nta kivugwayo atari ibiroribijanye n'ugusenga. Bishinga kwivugiriza piyano, bakora ibi n'ibi, bakamaraakanya basimbagurika mu gihe piyano iba ihejeje kuvuga bagaca basohoka,bagakora ibitari vyo, bakiba, bakabesha n'ibindi vyose. Ni abantub'inkazi ata na kimwe bavuga neza! Murabibona? Ni uko! Si Abametodiste gusa,Ababatiste, Abaperesibiteriyano, canke Abakatolika gusa, ariko n'ishengerory'Abapentekote muri kino gihe ca Lawodikiya na ryo nyene ririmwo.

Oh,ni kuki mutagaruka ku vyo ba sogokuru banyu bari bafise? Kuki tudasubira kuvy'ukuri vyabaye ku musi wa Pentekote, vyeza, bikatwuzuza Mpwemu Yera kandibikatubwira Kristo. Ni vyo dukeneye muri kino gihe, nk'uko vyari bimeze kera.

83 Ijambo Perugamorisigura ngo : «kwabirana». Ivyagikristo, abanikolayiti, abishushanya bari babiranye na Leta kandi bari bemeyeimihango y'abapagani. Imihango y'abapagani! Ni co catumye havuka ishengero ryaKatolika muri ico gihe!

Bose barazi yuko ishengero rya Katolika ryavukiyemu nama nkuru y'i Nikaya. Imbere y'aho hari ivyo Imana yita «ivy'abanikolayiti,bivuye mw'ijambo Niko, kwigarurira,gutsinda, gutsikamira abanyeshengero.» Kandi igihe bakora ivyo ntibababayebakigomba Mpwemu mw'ikoraniro, abapasitori na bo (ari bo bungere) bakareka Mpwemu Yera...

84 Mwovuga muti : «Mbega umupatiri ntashobora kuba ariumwungere?» Azobagaburira indya zimeze gute? Mbega muronka ivyamwa nk'ivyo baribafise kuri wa musi wa Pentekote? Haba na mba! «Mwaramutse Mariya...» Ivyo ni nde yigeze avyumva ku musi waPentekote? Amanevene, kumija utuzi ku bantu, gusuka amazi ku bantu, Imana mubutatu (Data, Mwana, na Mpwemu Yera), ivyo none mwabibonye hehe kuri wa musi waPentekote? Petero yavuze ngo : « Nukw'abomu muryango wa Isirayeli bose, ni bamenye badakekeranya yukw'Imana yamugizeUmwami na Kristo, Yesu umwe mwabamba.» Ni ivy'ukuri. Ivyo bintu tubisangahehe? Ni ivy'abanikolayiti, kandi ivyo vyarakomeje, bivukamwo Katolika.

85 Muvuga muti : «Ndi umuhirwe kubona ntari umwe muriabo! - ntimuvyizigire cane!» Mwibuke aya majambo abiri : ivy'ubukristo,ivy'abanikolayiti. Mwatahuye ivyo ndiko ndavuga? Umviriza neza tutarashikakure. Turageza isaha zitandatu z'ijoro, ni vyaba ngombwa, ariko ngomba yukoivyo mubitahura. Bene Data, ni ivyerekeye ubugingo bwanyu! Hamwe mwovuga muti :«ndi mu ba...», si ivyo! Namba mutagira Mpwemu Yera, bene Data, murashoborakuja mu madini yose mugomba, mukaba mwarazimiye. Iyo mutavyawe ubwa kabiri naMpwemu w'Imana biciye mu mubatizo wa Mpwemu Yera, muba mwarazimiye, kuko mutabamwarahawe Ubugingo budashira, kandi ubugingo budashira ni co kintu conyeneImana izozura, kuko ni bwo bugingo bwonyene buzohoraho.»

86 Urubuto rw'ingano iyo ruta... ivyo nanditse hano,navyumvise mu kiganiro citwa «igihe c'irima.» Ni bangahe bibuka wa mutama mweneData Spwigeon, na wa muvugabutumwa w'umumetodiste wo muri Henryville? Umugaboadasanzwe! Twari twicaye hafi y'aho batangira amaforomaji akanye kwa RedFurnish kandi twariko turarya amaforomaji akanye; turiko tuvuga ku vyerekeyeigikorane nagiriye hariya, iradiyo na yo iriko iravuga ca kiganiro «igihec'irima». Red yari yakije iradiyo yiwe ico kiganiro cariko kibera i Louisville.Umurwi witwa 4-H wari waronse imashine ishoboye guhingura urutete rw'ikigoriikarushiramwo ivyunyunyu Kalisiyumu, ipeterori n'ibiri mu kigori vyose, kandiigakora ikintu kimeze neza na neza nk'ikigori nyaco.

87 Uwo murwi 4-H wari ufise iyo mashini, kandiabashakashatsi bari bayikoze ku buryo urutete wasanga rusa n'aho ari urw'ukuri,ku buryo, muyoye urushi rw'ibigori nyakuri n'urundi rushi rw'ivyo bigorivyakozwe n'iyo mashine, mwoshoboye gukuramwo imitsima imeze co kimwe, n'ama«Cornflakes » ameze co kimwe. Ubushakashatsi bwakorerwa mu bigo vyabigenewebwerekana y'uko ubwo bwoko bubiri bw'intete bwari bumeze co kimwe, ku buryomutoshoboye kuzitandukanya. Ivyari muri rumwe wabisanga no mu rundi.

Ariko, uwariko arashikiriza ico kiganiro yaciyeavuga ati : «Uburyo bwonyene burashe bwo kumenya urutete rw'ukuri, n'urutete rwakozwen'imashine, kwari ukuzika ayo mashi y'intete uko ari abiri. Zompi zarabora,ariko intete z'inkorano ntizamera; izo Imana yamejeje zonyene ni zo zasubirakumera!» Kubera iki? Kuko izo zindi zitagira intimatima.

88 Murashobora gusa n'umukristo, ugakora nk'umukristougakora ibikorwa vyiza bishoboka vyose, kandi ukaguma uyoboka ishengero ryawe,ariko mu gihe cose udafise akabuto ka Mpwemu Yera, ntugire

Ubugingo buva kuMana, ngo Ubugingo buhoraho bube muri wewe, - atari ukwatura ivyo wizera, arikobiciye mu Ngabire ari Yo Mpwemu Yera... Muyironka mute? «Muganga», kuri wa Musiwa Pentekote, aho yandika umuti, yavuze ati : «Ni mwihane, umuntu wese muri mwebge abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo,mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Yera.»Ya Ngabire ari Yo Mpwemu Yera ni bwo Bugingo Buhoraho. Ni co kintu conyeneImana izozura. Ishobora kuzura igifise Ubugingo. Murabibona? Ico, kandi ni icoconyene. Nibaza ko vyumvikana. Ese Imana yobitomora neza.

89 Abanikolayiti rero barishushanya, baca babiranan'ishengero ry'abapagani mu gushiraho ibicaniro vy'igipagani, ivyo baciyebahinduramwo ibicaniro vya gikristo; bashiraho imana y'igipagani mu gushirahoumusenyeri akaba ari na we baha ijambo. Baramushizeho, baramwambika, bamuhaishusho y'ikigirwamana. Murabibona? Igifise akamaro, si ikiri inyuma, ariko niikiri imbere. Izo ntete zibiri z'ibigori zari zimeze nk'izisa, arikokwitegereza uko zisa ntivyari bihagije, vyari bikwiye no kuraba ibiri imberemuri zo. Imbere muri zo harimwo ubugingo. Ku bitwerekeye, uko ni ko idini ryambere Katolika ryavutse, ari ryo shengero ryabaye nyina w'amadini yose.

90 Mwovuga muti : «Mwene Data Branham, mu gihe ntariumukatolika...»

Rindira gato! Tuvuge kuri ibi bintu akanya gatoturengana. Turabe ico

IvyahishuriweYohana 17 habivugako. Tubirabe tudatevye. Hahishurwa iki? Ni Yesu Kristoyihishurira amashengero yiwe. Nimutege yompi ivyo ngira nsome :

«Haza umwe womuri ba bamarayika ndwi bari bafise za nzavya ndwi, avugana nanje, arambgira,ati Ngwino nkwereke iteka rizocirwa maraya w'agahebuza, yicaye kw'iteranirory'amazi menshi.»

Ubu rero dukeneye icabona. Ni bangahe bazi yuko,muri Bibiliya, igihe cose umugoreavuzwe, aba yerekana ishengero? Niuko! Ni bangahe bazi yuko marayaw'agahebuza avugwa muri kino kigabane nyene ari ca gisagara kiri ku misozindwi? Ni uko?

Ubu naho, ni bangahe bazi yuko Bibiliya ivuga no kuvyerekeye amazi? Aha, yicaye kw'iteraniro ry'amazi menshi, si ku mazi makeya,ariko ni ku mazi menshi. Kandi amazi yerekana amoko. Ivyo mushobora kubibona kumurongo wa 15 :

«Arambgira, atiYa mazi wabonye, maraya yicayeko ni yo moko n'amakungu y'abantu n'amahangan'indimi.»

91 Uwo mugore yari yararetse Imana. Ni vyo? Iyi niinyigisho, ni co gituma muri kano kanya mukwiye gushira ku ruhande ivyiyumvirovyanyu. Uyo mugore yanduye yitwa maraya ni nde? Ni umugore yahemutse kumasezerano yo kwabirana kwiwe. Yamara ishengero Katolika ryemeza ko ari ryomugeni n'umugore wa Kristo. N'ababikira barimosha kandi nta kwifuza kw'umubiribaba bagifise. «Urukundo rwabo rwose barwegurira Kristo». Si vyo? Nta nkeka!

Mba ahantu haba abakatolika. Nahora ndonkaikinyamakuru citwa «Ukuri mu vyo twizera» n'ibitabo vyabo. Kandi namweabaporoti, ababatiste n'abandi, mu biro vyanje ndafise ibitabo bijanye n'ivyomwizera vyose. Ivyo ndabisoma, kugira ngo ni hagira umuntu ambwira ikintu, ncendamuha inyishu imushika. Murabibona? Igihe co kuvuga ivyo bintu kirashitse.

Ubwa mbere, vyari bikwiye ko Imana ikwiragira mugihugu cose, yerekana ibimenyetso, utwumiza n'ibitangaza, kugira ngo abantubagire ico bamenya. Intama z'Imana zirazi ijwi ryayo, zirarizi, zirarizi neza!Iyo usohotse ngo ugende itabanje kukumenya, ico gihe muzoca mukora iki?Muzokora ibibi vyinshi kurusha ivyiza! Nimureke Imana ibe ari Yo ivyitwararika.

92 «Ngwino nkwereke iteka rizocirwa maraya w'agahebuza.» Namba ico ari co yari ari, aho rero yari umugore yigira ico atari,yarasambana. Si vyo? Ivyo bisigura yuko namba ryari ishengero, mu busambanyiryakora ryahemukira Imana. Si vyo? Ni ubusambanyi bwo mu buryo bw'impwemu :ryigisha abantu ibintu bitari Ijambo ry'Imana. Ryigisha ibintu bitari vyo. Niivy'abanikolayiti. Murabona ingene ivyo vyaje? Rishinga abapapa n'abapatiri,rigakuraho Mpwemu Yera maze rikavuga riti : «Igihe c'ibitangaza cararenganye»,mu gihe Bibiliya ivuga y'uko «Yesu Kristouko yar'ejo, n'uyu musi ni kw'akiri, kand'ari kw'azokwama ibihe bidashira.»Bibiliya ivuga iti : «Nimwihane, umuntuwese muri mwebge abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyahavyanyu», ariko uwo mugore abatizamw'izina rya «Data, na Mwana na Mpwemu Yera» mu gucucagira amazi ku bantu,ayabasukako, n'ibindi. Oh, ivyo murabibona?

93 Ubu rero murabe ivyo uwo mugore yakora :

«uyo abami bokw'isi basambana na we, ababa kw'isi bakaborerwa vino, ni yo busambanyi bgiwe.»

«Bakaborerwa»! Barabica, bakabagandagura,bakabarasa, bakabakorera ivyo ari vyo vyose, bene Data! Baborewe cane iyo vino!Murabibona?

«Vino».Ni yo atanga; ni vino y'ubusambanyi bwiwe. - «Mureke ndababwire ikintu kimwe :Mama yari umukatolika...»

Mwovugamuti : «Ni ibara!» Oh! Emwe Baporoti, murindire akanya gato! (Ndabibabwirira kumakaseti)

94 «Anjana mu bugaragwa ndi muri Mpwemu.

Mbonaumugore yicaye ku gikoko gisa n'agahama...»

Yamara, ijambo «agahama» ritubwira iki? Ryerekana

«ukuganza».Risiguraikintu kijanye n'ubwami, kijanye n'ubwami koko, murabona, abami n'abandi... «cuzuye amazinay'amarogotano, gifise imitwe ndwi n'amahembe cumi.»

Iyo mitwe ndwi ni yo misozi ndwi ca gisagaracubatseko. Kandiuwo mugore ni ico gisagara, turabizi.

Uwo mugoreyambaye impuzu y'inyambarabami…

Uwo mugore. Igikoko casa n'agahama, ariko uwo mugore yariyambaye inyambarabami. Wa musisinababwiye yuko hariho ibihome bitatu ? Sinzi igihe nsigaje kubaho, ariko ibimuze muvyibuke : haraciye imyakamyinshi ndababwiye nti : «Murarabe nezaUburusiya !» Hari ibihome bitatu, ivyo muvyibuke ! Hariho igihome c'ivyuma. Hariho igihome c'imigano (ari bwo Bushinwa bw'abatukura).Kandi hariho n'igihome c'inyambarabami, ico gihome mucitegereze, ni co c'umweazimiza!

95 «Uwo mugoreyambaye impuzu y'inyambarabami n'iy'agahama, yari yisakaye izahabu y'utubuyengetw'igiciro kinini n'imaragarita… (Muribuka ivyo nababwiye kuri ca gicaniroca mbere c'abanikolayiti? Murabibona? Umugoreni ishengero)… afise igikombe c'izahabumu minwe… (Ivyo muravyibuka ? Igicaniro cari gisize izahabu kandi abantuakabanywesha ku gikombe)… cuzuyeibihumanya n'ubusambanyi bgiwe».

Ivyo ni vyo yahereza abantu, ivyo ni vyo banywa.Vyari vyababoreje! Baborewe! Wa murwi wose w'abo muri Irlande, w'Abafaransa,n'abandi, baca babaca amazosi hagize ico muvuga kibi kuri iryo shengero!Barabikora badahigimanga!

«Mu ruhangaafise izina ry'akabanga; ryanditswe ngo :

BABULONI...»

Iyo Babuloni yagiye hehe ? Satani yakuye umurwawiwe i Babuloni awujana i Perugamo. Oh, nagomba ko twiga Ivyahishuriwe Yohanavyose kugira ngo mushobora kubibona.

«BABULONIHAHAMBAYE, NYINA WA BA MARAYA, KANDI NYINA W'IBIHUMANYA VYO MW'ISI.»

Uyo Babuloni yari nde? Yari nyina wa ba maraya. Abana biwentibari abana b'abahungu, si vyo?

96 [Agace katavuga kuri bande—Umw.] …Ishengero ryabo.Nta nkeka ! Bavuga bati : «Ishengero muri Bibiliya ntiryitwa Babuloni?» Murabibona?Ni uko!

Namba yari maraya kandi akaba na nyina wa bamaraya, ategerezwa kuba yaravyaye abakobwa. Kandi namba bari abakobwa, bariabagore, amashengero. None ishengero ry'abaporoti rikomoka he? Mbega siivy'ukuri?

97 Maritino Luteri yarahagurutse kugira ngo ivyoabihagarike, ngo ahe akaryo Ishengero nyakuri, hanyuma haje Wesileyi, kandiivyo vyarabandanije gushika mu gihe c'Abapentekoti ; ariko, rimwe rimwe ryoseryagarutse ku ciyumviro c'Abanikolayiti co kugira idini, rifise abagenduzibakuru n'abandi bose, maze basubira ku mubatizo bari barabatijwe, mu mitegekerenk'iya mbere, mu birori nk'ivyo bahozemwo, kandi menshi muri ayo hari amakatekisimu «n'inamay'abatumwa», igisabisho nka «Mwaramutse Mariya» ataco kimaze! Bene Data, nimundangire ahantu musanga «inama y'abatumwa» muri Bibiliya ! Namba intumwa zarizifise nemera yazo yari Ivyakozwe n'Intumwa 2:38. Ni vyo bategetse umuntu wesegukora. Ni hehe mwoba mwarigeze kwumva intumwa idendekeranya nemera ivuga ngo :«Ndemera ishengero Katolika ryeranda ry'i Roma. Ndemera isangira ry'aberanda»?

Petero (ari na we yari afise impfunguzo) yariasanzwe yaravuze ati : « Nta wundi Muhuza ari hagati y'Imana n'abantu kiretseYesu Kristo. »

98 Ariko nimurabe amashengero y'abaporoti! None yakozeiki? Ivyo ntivyari bishoboye kuyabumba! Rimwe ryose muri ayo yose yasohotse,ryasohokanye umugisha wo kuri wa musi wa Pentekote. Ivyo ni ivy'ukuri koko.Mbere na Maritino Luteri yaravuga mu ndimi. Ni uko nyene ! Yaca asaba imbabaziavuga ati: «Ewe Mana yanje ! Mbega amajambo adatomoye ndiko ndadebagura, sinziivyo ndiko ndavuga!» Murabibona? Nta nkeka ivyo baravyizera. Nta nkeka.

Uko ibihe vyagiye bikurikirana, bari bafise Mpwemu,ariko bama baramuhunga maze bagaca bakora

amadini abatanguje ayo mashengerobamaze gupfa. Iyo muba mwararetse ishengero ryashinzwe na Luteri rikabandanyamutarigize idini, ryari gucika irya Pentekote. None ishengero rya Pentekote niiki ? Nshaka kuvuga ishengero nyakuri ryo kuri wa musi wa Pentekote, atari ryadini ; ngereranije n'ayandi, ni co kimwe. Murabibona? Bakoze co kimwe, kandi ivyovyaciye bibagarukana neza muvy'ikinikolayiti neza na neza n'uko bari barabikozemu ntango. Ni bangahe babibona? Nimuvuge muti « Amen!» [Ikoraniro ryishuye riti: Amen —Umw.] Ni ivy'ukuri!

99 Murabibona? Yari nyina wa ba maraya. Namba ari ba maraya, none babaye ba maraya gute ?Bakoze ubusambanyi mu guhemukira Ijambo ry'Imana. Ijambo ry'Imana rivuga riti:«Nimwihane mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo», kandi ico gihe, umuntu weseyabatijwe mw'Izina rya Yesu. Ariko mwebwe mukoresha « Data, Mwana na MpwemuYera ». Ubwo ni ubusambanyi! Si vyo? Kandi namba umubatizo wa Bibiliya mukuwukora bibiza umuntu mu mazi (biva mw'ijambo ry'ikigiriki « baptizeo ») nonerero kubera iki mubikora mu gucucagira amazi ku muntu canke kuyamusukako? Ivyobibajana hehe? Kandi iyo Mpwemu Yera mumusubiriza no gukorana mu ntoke, cankeagahosiya mumira canke ikindikintu kimeze nk'ivyo… Mpwemu Yera yamanutse ava mw'ijuru nk'uguhuhutakw'umuyaga w'inkomezi nyinshi mazeyuzura mu bantu bari bahari ; abavugisha mu ndimi, bakoma akaruru maze bamerank'imborerwa, ariko mwebwe, ivyo mubisubiriza « gukorana mu ntoke », urwetemwandikira ishengero n'ibindi bene ivyo ; none ni gute muzokwigera mushoborakwigobotora muri iyo nzira mukoreramwo ubusambanyi bwo mu buryo bw'impwemu?

100 Nimwibazeico kibazo ! Bene Data, nimuhebe ivyiyumviro vyanyu, mwugurure imitima yanyumube imvugakuri! Turi ku mpera y'urugendo. Ibi bikorane ntivyateguriwe ubusa,vyashinzwe n'Imana. Ndavyizera, nk'uko muzi neza yuko ndi umushumba wayo. Kandindabivuze mw'Izina rya Yesu, Imana ni Yo yanshize ku mutima kuza hano. Ntan'ikuta ndonka ivyo ndabikoze. Nari gushobora kuba ndi ahandi hantu ngasengeraabarwaye bari ahantu kanaka canke ngakora ikindi ico ari co cose. Canke narigushobora kuja kuroba nkaronka amahera mu buryo ubwo ari bwo bwose, yamaraishengero rirampemba. Ariko ivyo Imana yabishize ku mutima wanje; ivyosinoshobora kuvyirengagiza. Iguma imbwira ivyo bintu ubudahumeka, kandi ncankora ivyo nshoboye vyose. Ndi ngaha mw'Izina ry'Umwami; nkora ivyo nshoboyevyose. Ivyo bintu ntibibacike!

101 Yemwe baporoti, murabona ivyo mba nshaka kuvuga iyongereranya ishengero Katolika n'amashengero y'abaporoti? Yose arasa neza naneza.

Turazi yuko Perugamobisigura kwabirana.

Avuga ati : «Aho i wanyu uhafise abakomeza inyigisho za Balamu.» Ibi tuvyihweze.

Mbega turafise umwanya? Ndaja kunyarutsa ukwonshoboye. Canke mwoshima ko tubibandanya ejo mu gitondo? Ni bangahe bashima kotwobandanya, naho vyosaba ko duteba ngaha? Ndazi ko muri iyi nzu hashushe cane.None namba mwumva ubushuhe kandi mugumye hamwe, mwibaza ko bimeze gute ku wuriaha havugirwa Ubutumwa? Murabibona? Ariko ico turondera ni uburyo bwo gucika hahantu hazoba hashushe kurusha ngaha... haraturira ariko ntihahoraho.

102 Igihe bashiraho ishengero muri ubwo buryo, vyacabigenda gute? Nimuntege yompi bane banje! Vyaca bigenda gute? Birumvikana koivyo vyaca bikura Mpwemu Yera mw'ishengero. Ntibitangaje kubona ata musenyerin'umwe wabo yigeze azura uwapfuye canke ngo akore igitangaza na gitoya. Hanyumababakavuga ko abo bera ari abo mw'ishengero ryabo! Biyitirira n'ibintu bahakana!

Nimurabewa mwigeme Jeanne d'Arc. Ndabasavye mwese Abakatolika n'Abaporoti, mwebwemwese. Mu gihe ca Jeanne d'Arc, mu Bufaransa hari ishengero rya Katolika gusa,kandi ni ryo ryica abera. Ariko Imana yururukiye kuri uwo mwigeme maze ahabwaMpwemu Yera. Yakora iki? Yarashobora kubura ibintu kuko Umwami yamuhaukwerekwa. Yarasengeye abarwaye. Yarasengeye akana kapfuye maze karazuka. Niumwe Mpwemu wo kuri wa musi wa Pentekote! None ishengero rya Katolika ryaciyerimukorera iki kubera atahuza na ryo? Baramuciriye urubanza maze bamutuririraku giti baturirako abantu nk'aho ari umurozi.

103 Ubu,bamwita «Umweranda Jeanne d'Arc!»Inyuma y'imyaka hafi amajana abiri, igihe ishengero ryabona ivyo ryakoze kobari babikoreye umweranda, oh, nta nkeka ko bavyihanye! Ni ho rero baca bazuraamagufa ya ba bapatiri bari bamuciriye urubanza, maze babaterera mu ruzi.Mwibaza ko ivyo bizokwigera bituma ayo maraso ava ku biganza vyabo? Bibiliyaivuga iti : «Amaraso y'abishwe bosebahorwa gushingira intahe Kristo yabonetse muri ico gisagara.» Umumarayikaw'Uhoraho ni vyo avuga ko basanze iBabuloni : «Ubwicanyibwose, uwishwe wese ahorwa gushingira intahe Kristo, abera bose ba Kristobishwe bamuhorwa, babasanze aha nyene kuva mu gihe c'abanikolayiti gushikakw'iherezo, uwishwe wese ahorwa Kristo.» Nimuvyibazeko!

104 Reka twegere imbere gatoya. Ishengero gikristoryabiriwe i Babuloni. Perugamorisobanura ukwabirana.

Ubu rero turabe inyigisho za Balamu : «... Uhafise abakomeza inyigisho za Balamu...»

Oh, vyukuri ivyo bintu ndabikunda! Oh, ese iyo tubatwotevye ku kintu kimwe gusa, ariko turaja kubareka mubicisheko amaso gusahanyuma turaja kuja mu bindi bintu, kuko aho hose huzuyemwo ibintu vy'igiciro.Ndi umucukuzi : ndakunda gucukura kugira ngo nimburure utwo tuntu tw'agacirokanini, nkaduhanagura, tugaca ibibatsi maze nkadutamarira. Kamwe kose kerekanaishusho ya Yesu Kristo! Ni We Alufa na Omega, akavunji kose k'izahabu. Niivy'ukuri! Ni We nyene gushika no ku kantu gatoya kabaho. Ni co gituma ari WeMana yihaye umubiri hagati yacu.

105 Ariko sinja kubitebako, kuko ndabona ko isahazitatu zageze! Kandi nashaka kwinjira mu kindi cigwa kuri uno mugoroba Imana ibikunze.Nashaka gusa ko muvyandika. Ubu rero nashaka ko ivyo mubisoma kugira ngomushobore kunkurikira. Ni igice ca 22 n'ica 25 c'Igitabo co Guharura.

Turazi ko Isirayeli ryari Ihanga ryatowe n'Imana. Sivyo? Bari ihanga ryo ku musi wa Pentekote kuko hariho Mpwemu Yera hagati yabo.Muribuka Ubutumwa bw'ejo ku mugoroba? Igihe Mose yajabuka ikiyaga gitukura,yabonye abahora bahagarikira Abisirayeli bose, abahora babahahaza bose,yababonye bamirwa n'ikiyaga Gitukura (ari na co kigereranya Amaraso). Moseyaciye aduza ukuboko maze aririmbira muri Mpwemu! Oh, umwe wese muri twebwearashobora kuba nka Mose igihe ahindukiye akaraba inyuma kuri kahise kiwe maze akabona amaraso atukuray'Umwami Yesu, akabona uwo mutama w'imborerwa afise icupa, uwo mugorew'inshirukanya, ivyo bintu vyanduye vyose twabayemwo kera, abonye ko ivyo vyosevyapfiriye mu Maraso y'Umwami Yesu! Ivyo bituma turirimbira muri Mpwemu!Amasigareti, itabi, imigenzo mibi n'ibindi, ivyo vyose vyapfiriye mu Marasoy'Umwami Yesu; ni co gituma dushobora kuduza ibiganza maze tukaririmbira muriMpwemu! Murabibona?

106 Mwihweze ico wa muvugishwa yakoze. Ntimwibagireyuko yavugishwa! Yaciye afata agashako k'ingoma atangura kuyivuza atambira muriMpwemu, abakobwa b'Abisirayeli na bo baramukurikira bari ku nkombe y'ikiyaga,batamba ingoma bongera baririmbira muri Mpwemu. Yari gatitiba nyakuri yaPentekote!

Murabe ivyabaye igihe baja, i Mowabu, aha rerodusubiye inyuma, tugeze mu Vyanditswe, ku «inyigishoya Balamu.» Mowabu yari mwene wabo na Isirayeli. Ni bangahe bazi amamuko yaMowabu? Ni uko. Mowabu ni ico nokwita ikivange kuko Mowabu yakomotse kuri babakobwa ba Loti. Loti yavyaye umwana umwe umwe kuri ba bakobwa biwe babiri.Mowabu yari umwe muri abo, kandi ni na we yamukako ihanga ry'Abanyamowabu. Mubisanzwe Loti yari umuhungwabo wa Aburahamu; vyukuri Mowabu yari uwo muri uwomuryango nyene. Ivyo turabizi. Nagomba kandi ko mubona yuko batari abapaganink'uko amasinema amwe amwe aheruka gusohoka agerageza kubitwemeza... Mwibuke kobari abizera. Kandi igihe Abisirayeli bariko baja muri ca Gihugu c'Isezerano(baca mu nzira yabo nk'uko bari babitegetswe), bageze mu nzira basanzeAbanyamowabu babitambitse imbere. Baciye batuma intumwa ku Banyamowabu, ngozibabwire ziti : «Nimutureke duce muri kino gihugu canyu. Turi bene wanyu».

107 Yamara Mowabu ni ikigereranyo c'Abanikolayiti.Turaja kubibona mu kanya kari imbere. Isirayeli ni ikigereranyo c'IshengeroNyakuri, Balamu agereranya umwe mu basenyeri, abapapa (ibi rero nimubirabe neza)bo mu bakristo b'abanyamubiri. Turaja kubona yuko yari afise ingabire, ivyontitubikekeranyako na gato. Abenshi muri bo ni imvuzi za cane, abigisha mu vyaFilozofiya, abantu bahambaye. Ivyo ntimushobora kubihakana. «Bari bafise ishusho yo kubaha Imana arikobagahakana ubushobozi bwakwo.»

Nimugaruke kuri ya Pentekote y'inkomoko.Ntimuyiveko! Ahandi ho muzozimira! Mugumane uwo mugisha, mugumane n'uwutangaumugisha.

108 Ivyo vyabaye mu rugendo rwabo. Bashitse ahari iryoshengero ry'ikivange ry'abishushanya, bavuga bati: «Turiko tugenda twerekejeikanguro. Turiko tugenda tuja mu gihugu c'Isezerano, mwotwemerera tukarengana?Tuzobariha ivyatsi vyose ibitungwa vyacu bizorisha n'amazi yose bizonywa!»

None ico gihe Umwami Balaki yaciye akora iki?Yaciye agarwa maze ntiyagomba ko mw'ishengero ryiwe haba igikorane nk'ico, mugihugu ciwe. Yaciye akora iki? Yaciye atuma kurondera umupapa, canke umusenyeriari we Balamu, umuvugishwa w'umucangero yakunda amahera akayarutisha Imana.Kandi umwami Balaki yamubwiye ati : «Hamwe wovuma rirya hanga, nzokugira umuntuahambaye». Ariko Imana ibwira Balamu... Ndibaza ukuntu ba Balamu bari mw'isibangana kuri uno mugoroba. Abo bapasitori b'Abametodiste, ababatiste, abobapatiri b'abakatolika bazi ko Imana... namba turiko dusoma inkuru imwe,igitabo nk'ico nanje ndiko ndasoma. «Balamu!»

109 Nimurabe neza ibi. Balaki yamubwiye ati : «Gendauvume barya bantu.»

Balamu aramwishura ati : «Ngiye kubaza Imana» Imana »

Na Yo iramwishura iti : «Ntujeyo»

Ariko rero bukeye, Balamu aca azinduka kubibwiraumwami.

Balaki yongera kumusubiriramwo, ivyo yari yamubwiye,ati : «Nzokugira umuntu rurangiranwa.»

Ni co catumye Balamu ashishikara kubaza. N'uko reroImana iramwishura iti : «None genda! Genda!»

Murabona iyo mutagomba gukurikira ukuri... mbega gamwa banikolayiti mwe, mwibaza ngo kubera Imana ibakorera ivyo ibakorera... Harihoukuri kw'inkomoko, ariko mweho murondera ukugomba Imana ipfuye kwerekana. Muvuga muti : «Imana iraduha Mpwemu Yera »canke muti : «Na twebwe araduhezagira, naho twabatijwe mw'Izina rya Data,n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera.» Muri bene Balamu! Imana yari yamubwiye, arikoBalamu amaze kwerekana ubwibone, ica iramureka aragenda maze Balamu aba yitayeumuzana mw'izosi we nyene ubwiwe! Mutegerezwa kugaruka ku Kuri, ku Kurikw'urufatiro. Nimugaruke kuri Bibiliya. Ariko bavuga bati: «Ehe,yaraduhezagiye! N'ibindi, n'ibindi...» Ego me, ivyo ndabizi. Yarabikoze.Yabwiye Balamu iti : «Genda». Namba ugomba kujayo... uko biri kwose, ni yonzira uja gufata, kandi wumiye mu nzira yawe y'idini, none rero, yifate! Jayo!

110 Uwo mwanya, Balamu aca atarukira ku ndogoba yiwe,aca afata inzira. Ariko mu nyuma, nk'uko musanzwe mubizi, yagiye abonaUmumarayika w'Uhoraho yitambitse mu nzira. Kandi uyo muvugishwa, uwo mupapa,uwo musenyeri, uwo mukaridinari (uwo ari we wese) yari yarahumye cane mu vyaMpwemu ku buryo yibaza yuko agomba kuduzwa ipete kuko yaba ku nkengera y'uruziEfurate. Nibaza yuko yiyumvira yuko ari umurage wo mu vy'impwemu nko «kuri urworutare nzorwubakako Ishengero ryanje, Petero»; igitandara coba cari i Romacanke ikindi kintu nk'ico. Ariko igihe yashika aho hantu agomba, Wa mumarayikani ho yari ari yasokoye inkota, ariko yari yahumye rwose ku buryo atashoborakumubona. Ariko indogoba imuhomberaniriza ikirenge ku murombero. Naho vyariuko, Balamu yakomeje kubandanya. Uwo Mumarayika yongera kwitambika mu nzira.Imana izokwugara buri muryango! Iyo ndogoba yongera guhindukira. Balamu acaarururuka, atangura kuyikubitisha inkoni yiwe yongera ayituka! Ka kadogoba nako karambaraye ngaho gakubitwa izo mu mutwe!

111 Ngomba ndabereke icatumye yisubirako, icamutahujeko yari yihenze : ni uko Imana yavugishije iyo nyumbu mu ndimi. Oya ntiyariinyumbu, yari indogoba. Ntimuvuge yuko yari inyumbu! Ivyo ntivyari gushoboka,kuko inyumbu ari ikivange. Murabona, yari imbuto y'inkomoko.

Mowabu yavuga ati : «Ibimenyetso ntibikibaho, ivyovyose vyari ivy'igihe carenganye.» Ariko Abisirayeli bo, ibimenyetso vyamabibabonekako.

Ariko ako kadogoba karahindukira karavuga gati :«Sindi indogoba yawe, narigeze...» Kandi uwo musenyeri w'impumyi yicaye kuriiyo ndogoba yakomeza kuyikubita... yamara iyo ndogoba yari yavuganye na we mururimi rutazwi n'indogoba.

Arayishuraati : «Koko, ni vyo, uri indogoba yanje.»

«Ntiwamyeungenderako gushitsa n'uyu musi, canke hari aho nigeze ndagukubita hasi?»

Ati : «Oya, nta na rimwe. Ariko iyo ngira inkota mbandakwishe. Nari guhagarika ico gikorane! Ngiye guhagarika ako karwi k'abasazindabateshe guca muri kino gihugu. Ntashitseyo, rizoba ari ikosa ryawe!»

112 Akokanya aca areraguza amaso araheza arivugana ati : «Biratangaje!

Ndumvise indogoba ivuga!»

Ewe Balamu! Murabona ko Imana yama ibwira abantu mururimi rutamenyekana. Muvuga muti : «Nta handi vyabaye atari ku musi waPentekote!» Oh, oya! Haba na mba! Kuri ya mazimano ya Belushaza, Imana yavuzemu ndimi, maze yandika ku gisika. Aho hariho umugabo yari afise ingabire yogusobanura indimi : yaciye abibasobanurira, ababwira ivyo ari vyo. N'uno musini ko biri!

113 Kubera yuko ata musobanuzi yari ahari, Imana yaciyeireka uwo Balamu (uwo mukaridinali) arikangura yongera aratahura neza icobisigura. Mbega murazi yuko n'aho vyagenze uko iyo mpumyi yakomeje kubandanya?Ni ko biri! Ni navyo bakora muri kino gihe! Abanyamowabu, abanikolayitibarabandanya! Bararanguruye bashikayo. Nimurabe neza yuko iyo Imana yabayitayeho abanyamategeko, yari guca ihezagira Abanyamowabu : yategerezwakubikora, kuko murabona ko Balamu yari yubatse ibicaniro indwi. Ni ukuri.

Igitigiri indwi : hari ibihe indwi vy'ishengero. Murabonainsiguro yavyo mu vy'impwemu? Ubu rero tuvyitondere : - insiguro yavyo mu buryobw'impwemu. Mu kanya ndabishikako, ni ibintu bigoye! Turiko turondera insiguroyavyo yo mu buryo bw'impwemu... ibicaniro indwi, amapfizi indwi y'inka (vyariibikoko bitanduye) n'amapfizi y'intama indwi, ivyo bitubwira ivy'Ukuza kwaKristo kwabaye haciye imyaka amajana n'amajana ivyo bibaye.

114 Barizera. Bizera ibiki? Bizera Yehova Imana. Bizerayuko bategerezwa gutanga ikimazi kitagira agasembwa. Ni ivy'ukuri! Bavuga yukobizera ukuza kwa Mesiya, kuko bari bashikanye intama y'ingabo, ari yo mpfiziy'intama. Si ko biri?

Umusi umwe muzovugane n'umubatiste, maze muhezemurabe yuko badakora uko nyene. Ni co kimwe.

None rero itandukaniro riri hehe? Ehe Abisirayelibasagaje mu kiyaya, batanga ibimazi nk'ivyariko biratangwa hejuru ku musozi,bongera basenga Imana nk'iyo abandi bariko barasenga. Ntimushobora

kubonaabanikolayiti abo ari bo, ivyo bivange! Mbega murababona? Ntimubona ab'impwemuvyukuri abo ari bo? Itandukaniro ryari hagati yabo ryari irihe? Bamwe baribafise ibimenyetso bibakurikira! Abandi na bo bari bafise ishusho, ariko abo bandi bari bafise ibimenyetso vyamabibakurikira.

115 Uko ni ko ivyo vyagenze mu nama y'i Nikaya : Kuruhande rumwe hari Abanikolayiti, ari bo bakristo bishushanya. Kandi MpwemuYera yaragarutse arababwira ati : «Aho hagati yanyu mufise inyigisho za Balamu,(murabibona?). Nanka ibikorwa vy'abanikolayiti n'inyigisho zabo, kuko ari yanyigisho ya Balamu yigishije gushira igitsitaza imbere y'Abisirayeli!» Ivyobabikoze gute?

Igihe Balamu yari ahagurutse agiye kuvuma abobantu, Imana yavuze iti : «Ndakugoba ururimi, kandi nta co ushobora kuvugakiretse ico nja kukubwira. Ntushobora kuvuma abo nahezagiye.» Maze Balamu acaaritegereza Abisirayeli.

Mbega indyadya! Oh, ivyo twoshobora kubimarakoumwanya munini! Mwitegereze uwo mwami Balaki, yaganza Abanyamowabu, abwira wamuvugishwa w'ikinyoma ati: «Manuka hariya witegereze inteko zibahagatiye!»

116 Uko ni ko amashengero manini manini akunda kuvugaimirwi mito mito y'abantu b'Imana. «Murabizi, hari uwo namenye!» Murazi icoyakoze? Yakoze ibi n'ibi! Kandi ari Abapentekote! Oh ese iyo muba muzi nezaabavuga ivyo abo ari bo! Ibinyamakuru n'abantu nta co babivugako. Ariko murabeiyo hagize umupentekote ata inzira y'ukuri igihugu cose kizogenda kibivugirahejuru gushika aho basarara! Nta nkeka!

Ariko murabe ko Balaki yaciye avuga ati :«Itegereze barya b'inyuma bahereza, barya babi cane.» Balamu aramwishura ati :«Cane nyene, nta bandi nja kuraba atari ab'inyuma, ivyo bakora bitabereye, nivyo ngiye gukora : ndaja kuraba gusa kuri bo ibitabereye, ibitagenda neza muribo.» Kuko aramutse aravye ku bibi, ntiyabura ico abona! Ni ivy'ukuri! Bari bakoze ivyaha vyose bibaho! Ariko ico Balamuatabona cari ca Gitandara cakubiswe, ya Nzoka y'umuringa, n'umunezero w'uwoMwami wari muri bo, ugukira indwara, ibimenyetso, ibitangaza, na ya Nkingiy'umuriro yari hejuru yabo.

Uwo muvugishwa yari yahumwe amaso ntiyashoborakubona ivyo! Nta nkeka! Nta kindi yari ashoboye kubona kiretse imyanda yarimuri bo. «Oh, ndazi umwe muri bo akwegana n'umugore w'uwundi. Ndazi ko uryayivye amahera.» Ni ivy'ukuri! Ni ivy'ukuri! Ndavyemera, ariko na bo bakora nezana neza nk'ivyo na bo bakora. Ariko birinda kubivugako! Gurtyo rero, acaamwereka ibitagenda neza gusa.

Ariko Imana ica ivuga iti : «Uja kuvuga gusa ivyondakubwira!» Maze rero Balamu aca yinjira muri Mpwemu aba atanguye kwerekwa,maze rero aho kuvuma Abisirayeli, aca arabahezagira. Amen! Biba bigenze uko!

117 Iyo Imana iba yitayeho ivy'amategeko, ayo mashureahambaye, ayo maseminari ahambaye n'amashure yisumbuye n'impapuro z'umutsindoza kaminuza; iyo iba yategerezwa kwubahiriza ivyo vyose, aho rero yari kubayarabiberetse. Murabibona? Ariko Imana yari yitayeho ubwo bwoko kandi yariimaze kubuhezagira kuko Mpwemu, Umwami... Bavuga bati: «Humvikanye ijwiry'Umwami aho bashagaje» Iki? «Umwami w'abera.» Akamo n'umunezero. Kubera iki?Kuko bwari ubundi Bwami.

Ngomba ndabereke yuko abo bantu batari abanyedini.Muragomba ko ndabibereka? Ndibaza ko hari umurongo wo mu Vyanditswe natoyeujanye n'ivyo. Ego me. Mureke ndabereke yuko Abisirayeli batari idini...Dusubire mu Gitabo co Guharura, kugira mubone yuko batari idini. Ahubwoabanyamowabu ni bo bari idini rihambaye. Turaja gufata igice ca 24 co mu gitabuco Guharura, ndaja gutangurira ku murongo wa 8 : «Novuma nte abo Imana itavumye?...»

Ubu naho nimwumvirize ico ivuga, iti :

«Kuko nababonyempagaze hejuru ku bitandara...» (ni Imana! sindababona ndi mu kiyaya, arikondababona ndi hejuru ku bitandara. Oh! Ijisho ryayo riri kukanyoni kandi ndazi yuko indinda)... kukonababonye mpagaze hejuru ku bitandara... (Amen! Atari mu biyaya aho kubonaububi bwabo : «ndababona bose», ni ko Imana ivuze) ...kuko nababonye mpagaze ku bitandara, nkabitegereza mpagaze kumisozi. Raba, n'ihanga ryibera ukwaryo, ritiharura mu yandi mahanga.»

Ikibazokiratorewe inyishu rero? Ntibari idini riharurwa mu yandi mahanga. Oya! Bajahirya no hino bagenda baba mu mahema, baca mu tuyira twaga bakaba mu mfurukaz'ibarabara, mu gasengero gatoya. Batevye kuriha inzu babamwo, baca babirukana.Imana yaba igomba yuko baja ahandi. Bayerera hirya no hino.

118 Hariya muri Jamayika, nta gihe kinini kihaciye, hariho umwigisha ahambaye mu vyatewolojiya w'umupentekote. Naramubwiye nti : «Ese ukuntu Imana yahezagiraishengero rya Pentekote y'inkomoko, nta co bari bafise!

Baguma bayerera!»

Aca arambwira ati : « Bishoboka gute ga mwene DataBranham?»

Nca ndamwishura nti : «Ni ko mwene Data.» (Ndamukunda;ni mwene Data mukundwa).

Aca arambarira ati : «Nagomba gusa ndabereke ahomwihendera.»

Nanje nti : «Biranezereje. Nama nifuza kumenya ahonihendera, kubera Imana irazi yuko ntagomba kuba mw'ikosa. None rero mweneData, iyo nihenze, ndagomba rwose kubimenya. Murakoze!»

Aca arambarira ati : «Mwama muriko murahayagiza abobantu bo mu gihe ca Pentekote.»

Nca ndamwishura nti : «Cane nyene!»

Aca arambwira ati : «Bakoze ikosa rikomeye cane igihebagurisha amashamvu yabo. Igihe uguhamwa kwatangura, nta n'inzu bari bafisebabamwo. Ntibari bafise iyo boja, barayerera irya n'ino.»

Nca ndamubwira nti : «Ni na vyo nyene Imana yashaka.»

Ati : «Kubera iki?»

Nca ndamubwira ibi nti : «Iyo baba bari bafiseamazu, bari kuba barayagarutsemwo, ariko vyasabwe ko baja hirya no hino kugirango bakwiragize hose ubwo Butumwa bwiza ko Mpwemu Yera yaje.» Ntimumbwire ko Imana ikora amakosa! Iraziigikwiye gukorwa. Baragurishije amashamvu yabo maze bayerera hirya no hino,bakwiragiza Ubutumwa bwiza hose; kandi havugwa ko ubwo butumwa bwakwiragiye mubantu bose bari kw'isi ico gihe bukwiragijwe n'izo nyenyeri zari zahevye vyosekugira ngo zihabwe Mpwemu Yera. Nta nkeka ko abo bantu ata dini barimwo!

119 Nimwibuke ko idini ari ryo Imana yita «abakomezainyigisho za Balamu». Igihe Balamu yabona ko adashobora kubinjiza muri riryadini, murazi ivyo yaciye akora? Nimwumvirize neza, kuko tugira twinjire canemuri ivyo bintu kurusha uko tutahora. Ng'iki ico Balamu yakoze : yakoze nk'ukobahavuye bakora mu nyuma mu Nama nkuru y'i Nikaya! Ni co gituma yavuze iti :«Urafise inyigisho ya Balamu n'iy'abanikolayiti.»

Abanikolayiti ni bo bashatse kugira amadini. Nibangahe bazi ko ari ukuri? Raba rero amadini ico ari co. Ni ukuri kutagabanijekw'Imana! Amaherezo, baciye bashiraho idini rikomeye kurusha ayandi yosekw'isi. None barigenjeje gute? Barigize «katolika». Ijambo «katolika» risiguraiki? Katolika risigura «ikintu gikwiye hose». Idini riri kw'isi yose, idinibashizeho. Utwo tugwi duto duto twose dutegerezwa kwinjira mw'ishengero rimwe. Ibimurabirabe neza! Reka tubandanye!

120 Babulonini iki? Ni nde yashinze Babuloni? - Ni Nimurodi. Yakoze iki ? Yubatse umunaramuremure, igisagara kinini kandi yaciye ategeka ibindi bisagara vyose ko bijabiratanga ikori muri ico gisagara. Idini ! Aho ni ho tubona ko vyatanguriye.Nta nkeka ! Ivyo vyarabandanije gushika muri iki gihe c'ishengero maze ricaryongera kuba idini, maze inyuma y'aho, baciye binjizamwo abanyamahanga bose.Kandi n'aha, haravugwa ngo «marayayanywesheje amahanga yose vino y'ubusambanyi bwiwe.» Ubusambanyi bwiwebuhagaze ku kuntu ryiyitirira Kristo kandi riguma rishiraho ibintu vy'ibinyomank'ikatikisimu, twa dutabo tw'ibisabisho n'ibindi. Abaporoti na bo baraje mazebaca bifatanya na ryo bagendera mu vyaryo hanyuma bakora nka ryo.

121 Neza cane ! Twongere twigire imbere. Aho rero ivugako izo zari. « inyigisho za Balamu ».

None Balamu yakoze iki, igihe yari abonye koadashobora kuvuma Abisirayeli? Yaciye abwira Balaki ko vyoba vyiza atumiye abobantu ku musi mukuru w'imana yabo. Bahora bagira umusi mukuru uhambaye hariyaku musozi. Nibaza ko bawita «umusi mukuru w'ikigirwamana Bayali y'i Peyoli».Wari umusi mukuru w'abasenzi.

Balamu aramubwira ati : «Balaki, ngira ndaguterereiciyumviro ciza. Uko biri kwose, Imana ntiyobavuma, ariko rero ngira ndakubwireico tuja gukora. Ntidushobora kubikurako; ariko niwabatumira bakaza hano, vyosebica bigenda uko ubigomba.»

Murabibona?Ivyo ni na vyo Constantin yakoze! Koko ! Ni cogituma havugwa «inyigisho za Balamu.»

122 Bakoze iki? Inyigisho ya Balamu yaramanutse ishikamu Bisirayeli. Batumiye Abisirayeli bose ngo baduge baje muri uwo musi mukuruuhambaye, muri ayo mazimano. Oh, hari ibirori bihambaye, n'ubundi buryo bwosebwo kwinezereza. Bagezeyo, Abisirayeli baciye babona abagore beza bezab'abanyamowabukazi, bambaye impenereza. Ntibari bameze nk'abakobwa baciyebugufi bo mu bwoko bwabo! Oh, ese ukuntu bari beza! Ese ukuntu bari bikozen'ukuntu bari bazi kwiyerekana neza! Baciye babashuka batangura gusambana nabo. Balamu yari azi ko Imana itobavuma, ariko ashoboye kubakwegera mw'idini,ati uburake bw'Imana buzoca bubica; amenya ko Imana ubwayo izobiyicira mu giheazoba yashoboye kubakura mu nzira y'Ukuri.

123 Iyo mwifatanije n'ishengero aho guhabwa umubatizowa Mpwemu Yera, muba mupfuye. Ibi sindiko ndabivuga ku bwanyu mwebwe muringaha, ariko ndabivuga kuko amajwi yavyo ariko arafatwa, ni ukugira ngo ibibirushirizeho kwinjira. Urupfu! Yabwiye Luteri ati : «Uvugwa ko uri muzimaariko uri uwapfuye!», aha

mu gihe ca Sarudi (ijambo Sarudi risigura urupfu).«Uvugwa ko uri muzima ariko uri uwapfuye!»Imana ni yo ibivuga! Ego! Nta nkeka!

Amaze gusambana mu buryo bw'impwemu hariya hejuru(ukwabirana kw'idini, hamwe n'Ishengero ryavyawe na Mpwemu Yera), baciye bapfa.Bibiliya ni ko ivuga iriko ibwira amashengero.

Ubu rero, ngira nongere ndabasomere ikintu kimwenanditse ngaha…

124 None Imana yaciye ikora iki? Igihe bakora ico kintukibi, igihe bari basambanye, Imana yiciye icarimwe ibihumbi mirongo ibiri nabine bo muri bo. Ibihumbi mirongo ibiri na bine kuko bari basambanye. Nonengaha mw'ishengero na ho havugwa iki? Havugwa ubusambanyi bw'uburyo bw'impwemuubwo murimwo iyo mwigira abakristo kandi mukaba mukibayeho nk'ab'isi (gusengamusubiramwo inama y'abatumwa canke za nemera zindi, no gusubiramwo ibisabishomukuye mu gitabo c'ibisabisho canke ikintu nk'ico). Yesu ntiyigeze abwiraabantu biwe ngo baje barasubiramwo isengesho; yavuze ati : «Nimusenge!» Nimusenge!Neza cane!

125 Kubijanye n'imisi mikuru ya Constantin, ni nk'ivyabaye kuri Balamu nyene. Reka twihweze ibi. Co kimwe na Balamu, Constantin yagize umusi mukuruw'igipagani. Ni uko. Perugamo ica iratumirwa. Kandi nimurabe neza ibi.

Hari ikintu nanditse ngaha, ariko mbaye ndakireka.Ni uko. Nariko ngerageza gutahura ico ivyo nanditse ngaha bisigura : ni ikintunanditse.

Perugamo yaratumiwe. Batumiwe ku musi mukuru inyumay'inama Nkuru y'i Nikaya. Batumiwe ku musi mukuru w'igihe umurango uba mutokurusha ijoro mu gihe c'urushana, ni ukuvuga umusi mukuru wo gusenga izuba arina ryo ryari ikigirwamana c'abapagani, uwo musi mukuru wahimbazwa itarikimirongo ibiri n'imwe z'ukwezi kwa cumi na kabiri, umusi mugufi kurusha iyindiyo mu mwaka. Kandi imirango isa n'iyingana gushika ku wa 25 z'ukwezi kwa cumina kabiri. Abapagani bose barahimbaza umusi mukuru wo kwibukaikigirwamana-zuba. Umusi mukuru wo kwibuka ikigirwamana-zuba wahurirana n'umusimugufi kurusha iyindi yo mu mwaka, ku wa 21 z'ukwezi kw'icumi na kabiri. Kandiuwasomye wese inkuru za kahise k'amashengero arazi ko abapagani bahimbaza uwomusi. Wari umusi mukuru w'icibutso.

Abaroma bari bifitiye inkino zo kwisamaza. Mwarabonyeya filime yitwa

Ben Hur, ata gihe gishize yerekanywe ? Inkino zokwisamaza z'abaroma, ni zo Abaroma bakina kuri uwo musi wagenewe izuba, muguhimbaza urya musi mukuru w'ukuvuka kw'ikigirwamana-zuba. Murabibona?

126 Bakoze umusi mukuru ukomeye maze batumiraabanikolayiti. Mbega ivyo ntibihuye neza? «Murafise inyigisho ya Balamu aho iwanyu.» Baradondagurira i Perugamo ivyo bari bafise vyose, amahiganwa yaboakomeye n'ibindi. Abo banikolayiti bariyumvira bati : «Ni vyiza cane! Kandi uwomusi mukuru urahimbazwa uko umwaka utashe? - Ego.» Gurtyo rero, mu gutumiraumusenyeri (uko ni ko bamwita canke bakamwita ukundi), baciye babigira ibintuvyama biba uko umwaka utashe; baca binjizamwo ubushakanyi n'ubusambanyi mazebaca batanguza gurtyo ishengero rya katolika iryo dini ryose canke ishengerory'abaporoti rifisemwo ikibanza. Imana ntigira idini, n'iryo zina ubwaryoiraryanka! Bibiliya ni yo ibitubwira.

Bamaze gukora ivyo, vyagenze gute? Vyasaba rero kobabishira mu vy'impwemu, gurtyo baca barimura umusi mukuru w'ukuvuka kw'UmwamiYesu, Umwana w'Imana, kwabaye mu kwezi kwa kane (abigisha nyakuri, co kimwembere n'abafise uguhishurirwa kw'uburyo bw'impwemu barazi ko yavutse bihujen'uko ivyaremwe bimera, nk'uko imyagazi y'intama ivuka n'ibindi, mu kwezi kwakane), bawimurira ku wa 25 ukwezi kwa cumi na kabiri. N'ubu barabandanyaguhimbaza umusi wa Noweli, ariko ubu, ico basenga, ni ico bita «Pere » Noweli.Murabibona? Barawongeyeko iyindi misi mikuru y'igipagani. Ni uko nyene! Ng'ivyoivyo Balamu abatumirira! « I wanyuuhafise abakomeza inyigisho za Balamu! » Ni ivyo! Ewe Mana, nubiduhishurire, Data. Murabibona? Umusi mukuru w'ivukawarimuwe ukurwa mu kwezi kwa kane ushirwa mu kwezi kwa cumi na kabiri.

127 Abanditsi b'ivya kahise batubwira ko vyosebitwereka ko Yesu yavutse mu kwezi kwa kane, igihe vyose biba bisubiyegutotahara. Ariko uwo musi bawimuriye kw'itariki ya 25 ukwezi kw'icumi nakabiri, imisi itanu inyuma y'umusi mukuru w'ikigirwamana c'abapagani, kugirango bashobore gushira hamwe imisi mikuru yabo: bashire hamwe ubupaganin'ivy'igikristo! Kandi ivya katolika si ikindi atari uruvange rw'ukwizeraamangetengete y'abapagani n'uguta inzira mu vy'ubukristo. Ni ivy'ukuri!Abaporoti na bo bakurikiye ni abakobwa ba nyina wabo maraya. Koko!

Imana idufashe tube «abaporoti» b'ukuri bahakanaibitava ku Mana vyose. Murabitahura?

128 Kugira babigire ivy'impwemu, murazi ivyo umusenyeriaca avuga?

Umusenyeri aca avuga ati : «Turafise uburenganzira bwogukora ivyo kuko ari We Zuba

ry'Ubugororotsi.» Oh, bama bafise ivyo bireguza,nko ku mubatizo mw'Izina rya Data, iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera wo muri Matayo28 : 19! Neza cane! Nta nkeka ko bama bafise ivyo bireguza, vyasaba ko baronkaikintu c'impwemu babiroranya.

Bibiliya ivuga iti : «Amajambo aze aringanizwe, bivuye mu kanwa k'ivyabona bibiri cankebitatu.» Imana ni yo yabivuze, yabivuze incuro zitatu. Igihe kimwe, Imanayashatse gushitsa ikintu kimwe, maze ifata Petero, Yakobo na Yohana; hamye habaivyabona bibiri canke bitatu kugira ngo ishitse ivyo yakoze vyose, ukoivyanditswe bigenda bikurikirana… Ni ivy'ukuri!

Murabona, utwo tuntu duto duto twose twategerezwagushika kugira ngo bashobore kubigenza ukwo bashaka. Imana yari ibizi imberey'ukuremwa kw'isi! Uko ni kwo bashoboye gushira ibintu vyabo mu vy'impwemu, ngo: «Ko ari Umwana w'Imana, tuzofata gusa umusi mukuru w'ikigirwamana-zubac'abapagani tuwugire umusi mukuru w'Umwana kuko ari we Zuba ry'Ubugororotsi.» [Ahamwene Data Branham ashimangira kw'ijambo izuba n'ijambo Umwana kuko mu rurimirw'icongereza ayo majambo arasa mu mvugo - U] Oh, murabizi, abaporoti baracagwamu bintu bisa n'ivyo. Nta nkeka! Babikura mu Vyanditswe kugira ngo babigiremwoikindi kintu. Oh! Duhagarare akanya gato kuri ibi bintu.

129 Ng'aka akantu gato nashaka kuvugako. Reka dufateigice ca nyuma c'uwo murongo twihuta. Turabishobora? Ni uko! Vyukuri ngiranihute, turaja kuvuga muri make ibice bihambaye vyo muri ivyo. Ni uko!

«Ni ko na we,ufise abakomeza inyigisho z'Abanikolayiti nk'uko nyene. Nuko rero niwihane :n'utihana nzoza kuri wewe vuba, kand'abo nzobarwanya, mbakubite inkota yo mukanwa kanje. Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgira amashengero.»

Oh! Ivyo ni vyo Constantin yakoze igihe yatunganyawa musi mukuru ukomeye. Nari natanguye kuja kure y'ivyo; ngira ndindire imbereyo gusoma kuko Mpwemu Yera aguma agaruka inyuma, ni co gituma nakoze ivyonakoze mu kanya gaheze; Yari yambwiye ati : «Ivyo ntuvyigumizemwo.» Ng'ibi biraje!

Neza cane! Igituma…

130 Igihe bakora urya musi mukuru ukomeye (nshakakubabwira ivyabaye kugira ngo mushobore gutahura), ni ho haboneka inyigishoivuga ko kwa kuganza kw'imyaka igihumbi kwarenganye. [Imwey'umwiza-?-U]Ishengero ryari ryatunze; ryari ryatunze cane. Kandi ryari rifiseubushobozi. Ryari rifise ubushobozi buruta ubwa Leta; Leta n'ishengero vyarivyiyunze.

Mbega ubwo bwari ubuva ku Mana? Ubwo bwami bwose niubwa Satani, nk'uko we nyene yabibwiye Yesu, igihe yamwereka ubwami bwose bwokuri iyi si. Yaramubwiye ati : «Bwose ni ubwanje. Ndabugenza uko nshatse.»Gufatanya Imana na wa murwanizi? - Oh, ivyo ntawobikora! Haba na mba! Turabonaigituma amaleta ari amadini. Ariko Imana ntiri mu madini! … Oya, ivyontawobikora!

131 Ariko bo barabikoze, ishengero ryabo bari baryiseirya «gikristo»; bari baryunze na Leta, umwami w'i Roma n'ibindi. Hejuru y'ivyovyose hari umusenyeri akomeye, uwo bahavuye baha izina rya «Papa» - ariko icogihe yari umusenyeri asanzwe. Boniface wa gatatu ni we yabaye umupapa wa mbere.

Hanyuma turabona ko vyukuri yigize umupapa arihejuru y'abantu. Baciye baronka ikigirwamana mw'ishusho y'umuntu. Baca bagiraamatungo menshi. Bagize igicaniro gikomeye bagize ubutunzi bwinshi. Bagizeibicaniro vy'amabuye y'igiciro bisharijwe hose n'amabuye y'igiciro kinini;bagize amashengero akomeye. Ni bo bategeka Leta. None murabizi? Inkuruyarakwiragiye ko ya nganji y'imyaka igihumbi ishitse kandi ko n'aho hariamasezerano menshi Imana yasezeraniye bariya Bayuda, ko Imana yabanse (kandiyari yaravuze ko itokwigera ibikora. Baragerageje kwinjizamwo ivya ya nganjiy'imyaka igihumbi imbere y'Ukuza k'Umwami Yesu! Ariko inganji ya ya myakaigihumbi izotangura Yesu amaze kuza.

132 Ni ho havuka inyigisho ivuga ko kwa kuganzakw'imyaka igihumbi kwarenganye. Kandi ni co gituma n'ubu abakatolika batigishaukuza kwa Yesu. Ngo «Vyose biri mw'ishengero. Turi muri ya nganji y'imyakaigihumbi. Ishengero ritunze vyose. Uko ni ko biri». Ivyo murabibona, inganji yaya myaka igihumbi Yesu Kristo atabanje kugaruka? Ivyo vyarabandanije gushikaigihe Constantin yicwa; igihe ca Perugamo catanguye mu 312 guhera mu 606.Hanyuma Boniface wa gatatu aca agirwa umusenyeri aganza w'isi yose, n'ukuvugaumupapa w'ishengero ryose riri kw'isi yose.

133 Ndibaza ko tugira duheze gusoma uyu murongo;hanyuma turaja guca tuwigako gushika tuwumare. Imana ishimwe! Umurongo wa 17 :

«Uri n'ugutwi niyumve ico Mpwemu abgira amashengero. Unesha nzomuha kuri Manu yanyegejwe, kandinzomuha ibuye ryera, kur'iryo buye handitswekw'izina risha, nta muntu arizi,atar'uzorihabga.»

Mwoshima kurindira gushika ejo ku mugoroba, canketubandanye ubu nyene? [Ikoraniro ryishuye riti: ubu nyene—Umw.] Ni vyiza cane!

134 Data uri mw'ijuru, ndagusavye ngo muri kano kanyauhe aba bantu ugutahura, mw'Izina ry'Umwami

Yesu kugira ngo bose bashoboregutahura ko ibi ndabivuga kuko ari insobanuro nahawe n'Imana. Amen!

«Unesha…»

135 Ikintu ca mbere nshaka ko mwibuka ni uko ububutumwa butabwirwa ishengero ahubwo bubwirwa umumarayika w'ishengero. Reka dusubire inyuma, kw'ishengero ryambere :

«Andikiraumumarayika w'ishengero ryo muri Efeso…» si vyo?

Ni vyiza cane! Igihe gikurikira, umurongo wa 8: «Kandi wandikire umumarayika w'ishengero ry'iSimuruna, ut'…»

Hanyuma umurongo wa 12 :

«Kandiwandikire umumarayika w'ishengero ry'i Perugamo, ut'…» Ni ko biri?

Ubutumwa bubwirwa umurongozi w'ishengero. Ese Imanayofasha uwuzohava aja kure y'ubu butumwa! Ariko ubu butumwa bwahaweumumarayika, kandi uwo mumarayika yari mu kiganza c'Imana kandi arongorwa naYo, atanga umuco n'ubushobozi vyava kuri Yo, bari mu kuboko kwayo kw'i buryo.Bari mu kiganza cayo c'i buryo, ni ukuvuga ko bafise ububasha bwose igihe baringaha kw'isi, kuko bo ari amatara atanga umuco wayo muri buri gihe c'Ishengero.Murabona, ngo : «Andikira umumarayikaw'ishengero…» Ibi bibwira «inyenyeri» y'igihe ari yo izokibazwa.Umumarayika w'ishengero azobibazwa natavuga Ijambo. Ni ivy'ukuri! Uwomumarayika azobibazwa ku musi w'urubanza.

136 Ni bangahe bibuka ivyo nerekewe ngaha. Nta gihekinini kihaciye. Nari ndyamye ku gitanda canje igihe Mpwemu Yera yaza; ndabainyuma yanje maze mbona umugore wanje. Nkiryamye mu gitanda canje, naraduzehariya hejuru mu nyonga Zayo maze mbona abo bantu bose. Muribuka konabibiganiye?

Naravuzenti : «Ariko none, ni aba…?»

Acaaranyishura ati : «Ni abawe.»

Narabajijenti : «Bose ni abo mu muryango wa Branham?»

Acaarambwira ati : «Oya.» Bari amamiliyoni. Yarambwiye ati : «Ni abo washikanyekuri Kristo.»

Naciyembaza nti : «Abo nashikanye kuri Kristo?...»

Ati: «Urabona urya mugore akiri muto kandi mwiza waravye ugashima cane? Wamuzanyekuri Kristo igihe yari afise imyaka mirongo icenda.»

Naciyemvuga nti : «Oh, hanyuma ivyo bikaba ari vyo namye ntinya?»

Yarambwiyeati : «Turindiririye ngaha ukuza kw'Umwami.»

Nti: «Nipfuza cane kumubona!»

137 Acaaranyishura ati : «Ubu ntushobora kumubona ariko agiye kuza. Turamwiteze kandiaho azozira, azobanza aze kuri wewe. Uzocirirwa urubanza bivanye n'Ubutumwa bwizawigishije kandi tuzoba turi abawe.»

Nti: «Ushaka kuvuga ko ari jewe nzobazwa aba bose?»

Ati: «Twese uzotubazwa!»

Nti: «E, ntihoba hariho umuntu?...»

Ati: «Wavutse kugira ube umukuru!»

Ndahezandabaza nti : «E, umwe wese azoba afise ico ajejwe?»

Aranyishuraati : «Umurongozi wese.»

Nti: «Bizogenda gute kuri Paulo?»

Ati: « Azobazwa ivyo mu gihe ciwe.»

Nti: «Rero, navuze ubutumwa nk'ubwo yavuze!»

Nihorero amajwi y'amamiliyoni y'abantu yaca yumvikana bavuga bati : «Ivyo ni vyoturuhukiyeko!» Murabibona ? [Ikoraniro rigaragaje umunezero waryo ricarirasemerera riti :

«Amen!» - U]. Ni uko, vyose ni aho bihagaze : «Kuruhuka.»

Gurtyorero, Umumarayika w'Imana ni we atumwa kw'ishengero kandi natavuga Ijambo,azobibazwa. Ni

uko.

138 «Manuyanyegejwe.»Reka dutange insiguro yayo uko dushoboye. «Manuyanyegejwe» igereranya iki? Manu yanyegejwe yari Manu yabitswe ahantuhamwe… muri Bibiliya, turabona ko imitsima yaterekerwa yari yagenewe umuherezi.Ni bangahe bazi ivyo ? Hariho umutsima wagenewe ikoraniro, ariko harihon'umutsima udasanzwe wagenewe umuherezi. Si vyo ?

IyoManu yanyegejwe, wari umutsima udasanzwe. Ni iki ? Manu yanyu ni nde ? NiKristo. Reka dusome muri Yohana, igice ca 6, umurongo wa 48 gushika ku wa 50,namba mushaka kuhandika. Yesu yavuze ko ari We «Mutsima w'Ubugingo waje uva kuMana kandi umanuka uva mw'Ijuru» - iyoni Yo Manu.

139 «Manuyanyegejwe» ni iki? Ni Manu idahabwa ikoraniro ryose. Uguhishurwa kw'Ijamboguhabwa umumarayika w'ishengero. Murabibona ? Uguhishurwa kw'Ijambo guhabwaumumarayika w'igihe c'ishengero kuko guhishwa amaso ya bose, hanyuma kukongerakugahishurwa (ni Manu yanyegejwe). Guhabwa umumarayikaw'ishengero. Murabitahura ? Ni uguhishurwa gukomeye kw'ico Kristo ari, kumbureni umuhamagaro uhambaye kuruta.

140 Ndibazanamba Luteri yarabimenye ? Ndibaza namba Wesileyi, Maritino, Ireneyobarabimenye ? Murazi ko ishengero ritigeze rishira abo bagabo mu gitigiric'aberanda, kuri ryo ntibari aberanda ariko ni ko bari bafise ibimenyetsovyabakurikira. Abo ishengero ryashize mu gitigiri c'aberanda, ni abasenyeribaryo bwite n'abandi.

Ntagihe kinini gishize ngaha, umugore umwe yaragiye mu mangazini y'Abongerezaidandaza ibitabo vyo mu rurimi rw'icongereza kugira ngo agure igitabo citwa «Ubuzima bw'umweranda Maritino».

Uwagurishaibitabo aca araraba ahari urutonde rw'ibitabo badandaza maze aravuga ati :«Ntazwi cane muri kahise kuko ntiyashizwe mu gitigiri c'aberanda.» Murabibona ?Ntarashirwa mu gitigiri c'aberanda ! Ariko Imana irazi izina ryiwe, Imana iraziuwo ari we!

141 Murabona,aho ni ho hari itandukaniro. Bamwe bashaka kubona amazina yabo mu kintugihambaye ariko ubwoko bw'Imana burondera kwirinda bene ivyo bintu.Ntibarondera ibintu bikomeye kandi biruta ivy'abandi; bashaka kuba abaciyebugufi. Barondera ibiciye bugufi. Kugira ngo uduge, ukwiye kubanza kwururuka.«Uwicisha bugufi azoshirwa hejuru; uwishira hejuru azocishwa bugufi». Guca bugufi! Ntimugerageze kuba abahambaye; gerageza kuba bato, mube icomuri! Murabibona? Nimube bato mu nyonga z'Imana; nimube bato imbere y'amasoyanyu bwite, mufate abandi nk'aho babaruta. «Ariko ugomba kuba mukuru az'abe uwubakorera.»

Ni nde yoba mukuru kuruta Yesu Kristo, We yakenyeyeicambazo kugira ngo yoze ibirenge vy'abigishwa biwe? Yacitse umusuku wo kwozaabandi ibirenge. Imana yo mw'ijuru, umuremyi w'ijuru n'isi iriko yoza ibirengebicafuye vy'abanyavyaha! Oh, ibirenge vyandujwe n'umwavu n'intumo yo mumabarabara, ivyo impuzu zabo zagenda zirakwega, umusuku yahawe igikorwa cokwoza ibirenge, ng'ico ico yari ari! Hanyuma natwe tukiyumvira ngo : «Ndiumuntu ahambaye! Birakwiye ko ngira impapuro z'umutsindo zose z'ivyatewolojiya, nkaba umwigisha, nkagira urupapuro rw'umutsindo, n'ibindi!» Oh!Kristo si uko yari ameze! Ico si co cerekana urukundo rwa Yesu Kristo! We yariyabaye umusuku wa bose! Ni ivy'ukuri! Yaduhaye icitegererezo kugira ngodukorere abandi ivyo yadukoreye. Oh, ni We Mwami wanje! Ikimugira uwuhambaye,ni uko yigize muto. Murabona, ico ni co camugize uwukomeye.

142 Mu buzima bwanje, naragize amahirwe yo guhuran'abantu bahambaye kandi naragize amahirwe yo guhura n'abibaza ko bahambaye.Umuntu akomeye vyukuri agerageza kubemeza ko mukomeye maze na we ko ata coamaze. Murabibona? Narahuye n'abami, n'abandi, n'abagabo vyukuri bari abantu bahambaye.Narahuye n'abakristo bashikamye mu kwizera bambara impuzu ziteye ibiremo;n'abandi baja ahavugirwa ubutumwa bambaye impuzu zifunzwe n'ibikwashu. Murabibona?

143 «Manu yanyegejwe», ni ikintu kidasanzwe.Ikidasanzwe ni ikihe? Imigisha ya Mpwemu Yera? Oh, oya, ni iy'ikoraniro ryose!Ariko «Manu yanyegejwe» kwariuguhishurirwa kudasanzwe, kuko yategerezwa kwigisha abandi. Murabona; kwariukumenya Ivyanditswe kudasanzwe kugira ngo ashobore kwigisha abandi. Ni vyoyategerezwa gukora. Si vyo? Ntimushobora kuba ab'impwemu kurusha pasitoriwanyu! Ivyo muvyibuke! Kuko ari we mwungere abagaburira. Namba ari umwungere,ategerezwa kumenya ahari manu kugira ngo agaburire intama. None si ivy'ukuri?Ubu rero tugira turabe ikintu kidasanzwe. Nimwongere mwumvirize neza mu kanyagato uku guhishurirwa : aha turabona ko ari manu yanyegejwe.

144 «… nzomuhaibuye ryera!» Uwo mumarayika azohabwa ibuye ryera. Iryo ni ibuye, si vyo? [Mwenedata umwe avuze ati, "Ugutungana." —Umw.] Kandi i… nivyo,«ugutungana».

Umusi umwe, Yesu yahuye n'umugabo yitwa Simoni mazeaca ahindura izina ryiwe amwita Petero. Kubera iki? Kuko yari agiye guhabwaimfunguzo. Si vyo? Yarahinduye izina ryiwe maze amwita Petero. Petero yariafise imfunguzo z'Ubwami.

«Kandinzomuha ibuye ryera, kur'iryo buye handitswekw'izina risha, nta muntu arizi,atar'uzorihabga.»

Ariyizi uwo ari we, ariko ntashobora kuribwira abandi.Murabitahura? Nta wundi arizi atari we. Murabibona? Petero yari azi ko afiseimfunguzo ariko ntawigeze amwumva avyirata. Barya bishimira ico bari, akenshinta co baba bamaze. «Ibuye ryera,kur'iryo buye handitswekw'izina risha.» Si izina ryiwe ariko yabaye ikindikintu, ico wenyene azi (uwuhawe iryo buye ahabwa n'izina). Murabona, harihomanu idasanzwe yo kugaburira ishengero, muvyibuke!

145 Mwibuke ko turi mu gihe aho ivyo bintu birikobirahishurwa, abanikolayiti bari barashizeho umukuru, umupapa w'ishengeroryabo, kandi bari bamushize ku gicaniro gikozwe mw'ibuye ryera, igicanirogikozwe mu butare bwera. None si ivy'ukuri? Ico gicaniro cari gihometsekoamabuye y'agaciro n'ibintu bisa n'ivyo kandi cari ikintu c'agaciro kuri we.

Ariko urya mumarayika w'Imana yari azi ubwiwe koari umwana w'Imana, yari abizi kubw'uguhishurirwa na Yesu Kristo.

Mu gihe abanikolayiti bishiriraho abakuru kandibagashiraho igicaniro gikozwe mu butare bwera amaja hasi h'igicaniro, Imanayaciye ishiraho umurongozi yuzuye Mpwemu Yera kugira arongore umurwi Wayowuzuye Mpwemu Yera : yari umumarayika wayo. Amushirako ikimenyetso c'izinaariko ntakwiye guhishura iryo Zina. - Ategerezwa kuryigumizamwo «Handitsweko izina risha, nta muntu arizi,atar'uzorihabga.»

«… nzomuhakuri manu yanyegejwe, kandi nzomuha ibuye ryera, kur'iryo buyehanditswekw'izina risha, nta muntu arizi, atar'uzorihabga.» Ivyo bibwirwaumumarayika w'ishengero. Sinzi ko Luteri yari arizi? Sinzi ko Wesileyi yariarizi? Sinzi ko abandi bamarayika bari bayazi?

146 Kandi sinzi ko uno musi…Agiye kwinjira vuba mw'isi,uwo mumarayika w'ubwiza w'umuco ategerezwa kuza kuri twebwe : uwo Mpwemu Yeraw'ubwiza, ubushobozi bugiye kuza butegerezwa kuturongora ku Mwami Yesu Kristo.Kumbure ko iyo ntumwa itazobimenya ariko umusi umwe azoba ari ngaha. Imanaizomumenyekanisha. Ntazoba akeneye kwimenyekanisha kuko Imanaizomumenyekanisha. Imana yemeza abayo. Ni ko yavuze igihe Yesu yari hariyaariko abantu ntibamumenya. Yaravuze ati : «Asangwantakora ibikorwa vya Data, ntimunyemere; ariko ninabikora, naho jewemutanyemera, mupfe kwemera ibikorwa,…» None sivyo?

147 Oh,mbega si igitangaza? Ni igitabo c'uguhishurwa! Murabonaaho ayo mashengero ageze? Murabona ukuntu yakumiriwe? Murabona aho ishengeroryavuye? Mbere, iki gihe c'ishengero ni co tuzokwigako ejo, Umwami niyabikunda.

Ndababajwe no kuba nabafatiriye cane arikondizigira ko muzohigira ikintu. Ndacafise impapuro zitatu canke zinenanditseko, ariko vyukuri nta mwanya dufise wo kwiga ivyo bintu vyose, kukoumwanya uraheze : maze kurenzako iminota cumi n'indwi ku mwanya wategekanijwe.Ariko ivyo vyose tuzobishira mu gitabo maze gurtyo muzobironka vyose.

148 Ni bangahe bamukunda n'imitima yabo yose? Nibangahe bamwizera n'imitima yabo yose? Oh, mwibaza ko mpagaze ngaha gusa kukotutari mw'idini? Tuvuga ibi bintu kuko tutari idini! Ubu rero muratahura gabene Data igituma nararwanije ivyo bintu, ubuzima bwanje bwose? Murabibona? NiMpwemu Yera. Na jewe ubwanje sinashobora kubitahura gushika mu misi ishize.Sinari nzi igituma nama nkarira abo bagore bigenza nabi n'ivyo bintu vyose;sinari ndabizi ariko ubu, ndabizi.

149 Ariko Umwami arazi ko ivyo bintu ari bibi.Twarabibonye muri kahise no muri Bibiliya kandi Bibiliya yarabuye ko ivyo bintubizoshika. Turabizi, si vyo? Dufashe kahise k'ibihe vy'Ishengero, aha rero ducatubona ko ivyo vyashitse neza na neza nk'uko Bibiliya ibivuga. Si vyo? Ni uko!Tugarutse kuri iki gihe cacu tugezemwo bon'ivyavuzwe kuri ico gihe, ivyo bizogenda neza na neza nk'uko Imana yabivuze.Ivyo muravyizera? Oh ! Mbega ntimugomba…

Oh, ngomba kumubona imbonankubone

Ndamuhimbaze kubw'Ubuntu bwiwe

Mu nzira y'Ubwiza nzosemerera

Mu munezero utazoshira na mba.

Oh, ngomba kumubona imbona…( ni bangahe bavyipfuza?)

Ndamuhimbaze kubw'ubuntu bwiWe

Mu nzira y'Ubwiza nzosemerera

Mu munezero utazoshira namba.

150 Ubu rero, nimuramukanye,imbere, inyuma n'i ruhande yanyu, Abametodiste, Ababatiste, Abaperesibiteriyano,uwo uri we wese!

Ndi mu rugendo ndirimba nshinga intahe

Njana abantu I Kaluvaliyo kwa Yesu

Imyampi igum'indasa imbere n'inyuma

Umwami and'imbere anyobora neza

Ubu reroduhaguruke :

…bw'ubuntu bwiwe

Mu nzira y'ubwiza nzosemerera

Mumunezero utazoshira na mba.

151 Oh,ese ukuntu ndamukunda! Ese ukuntu ndamukunda. Ni igitangaza! Ni igitangaza!

Yesuni igitangaza, igitangaza kuri jewe,

Umujanama,Imana ishobora vyose, umukama w'amahoro;

Arankiza,akandinda ibihe vyose,

Umukizawanje ni igitangaza, izina ryiwe rishimagizwe

Narinzimiye, aranzimurura, sincagirwa n'urubanza,

Yesuyampaye umwidegemvyo n'agakiza gashitse;

Arankizaakanzigama, andinda ivyaha vyose n'isoni,

Umukizawanje ni mwiza, izina ryiwe rishima…

Umwumwewese aduze ijwi hejuru:

Yesuni igitangaza, igitangaza kuri jewe,

Umujanama,Imana ishobora vyose, umukama w'amahoro;

Arankiza,akandinda ibihe vyose

Umukizawanje ni igitangaza, Imana yanje, Umwami wanje!

Oh, eseukuntu ari Igitangaza!

Yesuni igitangaza, igitangaza kuri jewe,

Umujanama,Imana ishobora vyose, umukama w'amahoro;

Arankiza,akandinda ibihe vyose,

Umukizawanje ni igitangaza, izina ryiwe rishimagizwe

152 Tubivugireicarimwe duti : «Izina ryayo rihabwe icubahiro!»[ Branham n'ikoraniro bavugiyerimwe ngo : «Izina ryayo rihabwe icubahiro!»—Umw.] « Izinaryayo rihabwe icubahiro ! »Umucunguzi wanje ! Mwibuke ejo kumugoroba, isaha imwe. Gushika ico gihe, gushika aho muzogarukira, mwame mukorauku :

Izinary'Umwami Yesu Ni ryo ryokuremesha

Mumagorwa yawe yose Rijane aho ujahose…(Ndanejerejwe no kubabona hano bene Data, Umwami abahezagire.)…huja hose.

NiIzina ryiza pe (Ryiza Pe!), Riryoshe (Oh ese ukuntu riryoshe!)

Baryizigiremw'isi

NiIzina ryiza cane (Ryiza cane!), Oh ukuntu riryoshe

Barishimemw'Ijuru.

Mu gihe ubu twunamitse imitwe, mu mpwemuy'amasengesho, turirimbe igitero ca nyuma :

Amavi yoseapfukame

Mw'Izina ry'Umukiza

(Mwami Yesu, kiza abari ngaha, Mwami, mu gihe tu…)…tuzomwambikaigitsibo,

Urugendo rwacu nirwarangira.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7